# Guhitamwo Umugeni

Los Angeles, California USA

29 Ndamukiza 1965 Ku Mugoroba

1 Abarwaye benshi cane. Sinshobora kubashikira bose icarimwe. Ariko nimwumvirize.

Ndanezerewe vy'ukuri kwongera kuba hano, kano kagoroba, muri iyi nzu y'amakoraniro nziza, hagati y'uwu mugwi w'abantu beza. Rero mu kanya twari hanze. Abantu bahagaze hanze kw'ibarabara bavuze ko batashoboye kwinjira. Naciye mvuga nti: "Kumbure ndashobora kubaronkera ikibanza," ariko ntibashatse kubareka ngo bamanuke. Kubw'ivyo murantunga ntidushoboye kuronka ibibanza bihagije kubwabo. Bavuze yuko hasi huzuye, nahone. Rero mutwihanganire kubw'ivyo. Ariko turanezerewe kubwo kuba hano, kandi turanezerewe kubona uwu mugwi mwiza w'abavugabutumwa, bano badandaza hano, hamwe na mwebwe ntumwa mwese mwavuye mu mihingo itandukanye yo mu gihugu.

2 Naronse akaryo ko kuvuga muri kano gatondo mu gihe c'akavunamusase, ivyo navyo nkaba ndabifata nk'iteka ridasanzwe, kuvugira imbere y'abantu beza nk'abo. Kandi nariko mvuga ku mutwe w'amajambo uvuga ngo: "Igishishwa ntikizoraganwa n'Urugano." Sinashitse aho ndabuheza, kandi ntiryari i - ikoza rya mwene Data. Yagerageje kurondera abahajejwe kugira batureke tuhagume umwanya muremure, ariko ntiyabishoboye. Rero vy'ukuri ivyo ndabishimye, mwene Data Demos. Vyari vyiza, vyiza cane. Ndabashimiye kubwo uburwaneza bwanyu, buri umwe wese. Ariko ntibashaka gusa kutureka ngo tubandanye, rero twaciye dutegerezwa guheza. Nzobugarukako ikindi gihe kanaka, kugira ndabuheze: "Igishishwa ntikizoraganwa n'Urugano." Ivyo mwabitahuye, mwebwe mwari muhari? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." - Umw.] Ndizigira hariho ibihagije kugira bube ubutahuritse.

3 Ubu rero, ndazi yuko mw'ijoro haza kuba ikiganiro, nahone. Rero sinshaka kubagumiza hano umwanya munini ku buryo kibacika, kubera niyumvira ko cari ic'ingirakamaro cane ku bizera b'Abapenteko, ca kiganiro twabona ejo bundi. Umugwi w'abantu mwiza ukur'aho, be n'inyishu nziza cane ukur'aho, zitomoye. Ivyo ndabibonye cyatumye niyumva neza cane. Kandi turizera yuko Umwami aza kugihezagira rino joro. Uwukiraba wese, reka bizere. Iryo niryo ryoba isengesho ryanje ry'imvamutima.

4 Rero hariho ivyegeranyo vyinshi vyadushikiriye uyu munsi, biciye mu butumwa busanzwe be no guhamagarwa, yuko benshi bakira muri ibi bikorane. Ivyo vyampimbaye cane. N'uko, kubona abantu barwaye, ubu nibwo bwoko bw'igikorwa c'ibango canje. Nda - ndanduga hano kuvuga Ubutumwa. Jewe, murazi sindi umuvugabutumwa. Ariko nda...hamwe n'iyi, iyi ndimburo yanje y'i Kentucky, "vyiwe,""ntari," [mu congereza "his, hain't" -Umus.] hamwe - hamwe n'ayo majambo yose, rero sinsho - sinshobora kuvuga, nk'uwo twita umuvugabutumwa wo mu gihe ca none w'uyu munsi. Si - sinoshobora gufata ico kibanza, kubera si -sinize.

Ariko ndakunda guserurira abandi ico ndaBiziko, canke ico numva yuko ndaBiziko, ingene naVyizeko, ukuntu Ari Uwanje. Ni We buzima bwanje bwose, Ari vyose ivyo noshobora kuba narigeze kwitega kuba, kandi birengeye cane ukwo nigeze kwiyumvira - yuko vyombereye ibigoye kuronka umugenzi n'umwe, kw'isi, igihe nari agahungu kakiri gato, ariko ndashima cane kubw'abagenzi badasanzwe uyu munsi.

[Mwene Data umwe avuze ati:"Hariho akabazo gato ko kuba batakwumva neza hariya inyuma. Niwegere. -Umw.] Ôo, murantunga. Ambwiye yuko nagiye hirya gato y'aho nategerezwa guhagarara.

5 Ubu rero, kugira twinjire bukwi na bukwi mu gikorane, reka twugurure igisomwa kanaka c'Ivyanditswe. Nǎ - nǎmye nkunda gusoma Bibiliya kubera Ari Ijambo ry'Imana. Ivyo ndavyizeye, kandi ndizera ko Yo ari Ijambo ritananirwa ry'Imana. Rero ubu ndafise Ivyanditswe bikeya vyanditse hano, hamwe n'ivyo nanditse nipfuza kwisunga mu mwanya muto, kumbure mu minota mirongo inen'itanu.

Hanyuma tuca dusohoka mu mwanya wo kuja kwongera kuraba ico kiganiro ciza cane rino joro. Kandi ndizigira Imana iraza kubandanya Ibahezagira biciye muri co. Ndazi ico mutegerezwa gukora, rero, nitezweko ko nza kugendesha imodoka gushika i Tucson kandi rino joro, murabona. Rero murashobora kwiyumvira - aho ni amasaha cumi uriko uratwara imodoka.

Kandi ndiko nja hakurya y'amazi, rero ntegerezwa guterwa urushinge rw'inyonko y'umuhondo ku gipimo mu gatondo muri Reta. Kubw'ivyo nte - ntegerezwa gushika hariya. Ejo bundi nategerejwe kwimura isango, rero ntibaza kwongera kumbwira "oya" ku nyishu y'ubu kandi. Rero ntegerezwa guterwa urundi rwa tetanosi n'urwa tifusi, n'urwo kunyongera inguvu.

6 Rero ndashimye cane kubwa kano karyo, be na kino gikorane ciza twagize imbere y'ibikorane. Vyahimbaye cane umutima wanje. Muri umugwi w'abantu beza. Ndizigira yuko Imana izobahezagira. Igihe ya saha ihambaye itari bwigere...Ca gikoko gitey'ubwoba, kiri hariya hakurya, cihindukirije muri Alaska mu minsi mike iheze, congeye kurabisha umurizo waco, iyepfo i Washington. Coshobora gutumbera ino vyoroshe cane.

Rero nimba Mpwemu Yera yigera ambwira mu buryo butomoye... Umuntu umwe yariko arishura...yariko ambaza ngo: "Kigiye gushika hano, ga mwene Data Branham?" Oya, ivyo ntavyo nzi. Ntavyo nzi gusa, gushika ndabimenye. Ukwo ni ukuri. Nǎmye nshaka igihe cose kubabera imvugakuri.

Singomba gucacisha, gufata iciyumviro kanaka, canke ikintu kanaka nizera, canke ikintu nk'ico. Iyo ndababwiye, kiba kigiye kuba...Neza, Itegerezwa kubimbwira ubwa mbere, hanyuma nkaca ndabibabwira. Ndazi yuko isi yose idatekanye. Turi mu gihe c'iherezo. Ariko ikintu kimwe nagerageje kuba...

7 Mwene Data Shakarian yariko avuga kano gatondo, ingene yahóra aca mu mirongo y'amasengesho, akaja hariya agatora ayo makarata imbere yuko abantu baza hano, akayaraba, kugira - kugira arabe yuko nababwiye ivyo bǎba bayanditseko. Bandika ibintu vy'ubwoko bwose ku makarata yabo y'amasengesho, murazi, rero yaba ashaka kumenya nimba vyaba ari vyo. Yavuze yuko mu majana y'izo yasuzumye, ata kosa na rimwe ryigeze ribamwo. [Mwene Data Shakarian avuze ati: “Nta kosa na rimwe, habe namba.” -Umw.] Nta kosa na rimwe rizokwigera ribamwo, murabona, kubera, mu gihe - mu gihe cose izoba ari Imana. Hamwe nigeze ndavyisukamwo jewe ubwanje, uhereye aho nyene, rica riba ikosa.

Umukobwa akiri muto uwo se wiwe yicaye hano, anyumviriza, yarantumbereye, nta gihe kihaciye. Yari yarose inzozi. Yavuze ati: “Mwene Data Branham, iyo nzozi isobanura iki?”

Nca mvuga nti: Ntavyo nzi, mushikanje. Ndabimenya, Umwami niyabimbwira.“ Rero nca ndagenda hanyuma ngerageza kubaza Umwami, yamara Ntiyigeze Ambwira. Uwo mukobwa muto yongera aragaruka. Aravuga ati: ”Neza, ubu naho insobanuro y'inzozi zanje iri hehe?“

Ndavuga nti: “Ngwino hano mukundwa, icara ng'aha.” Ndavuga nti: “So wawe na nyoko wawe ni abagenzi banje pfa mpfe. Urabona? Bǎvuye hiyo muri Canada hose, barakukurutse, maze baza kubana nanje hano. Bino baravyizeye, ibi ndiko ngerageza kuvuga. Kandi sindigera mbwira ikintu na kimwe kitari co umuntu n'umwe, ndabishaka, mu buzima bwanje. Nimba ni… Ndibaza ndazi ico izo nzozi zisobanura. Ariko gushika mbonye ubwanje iyo nzozi, maze Akambwira ico isobanura, atar'ukwo sinshobora kukubwira. Urabona, hamwe nokwihimbira ikintu kanaka, kumbure hakaba hari mu mwanya wari unkeneye hagati y'ubuzima n'urupfu, aho rero ntiwomenya nimba wonyizera canke utonyizera.”

8 Nimba ndababwiye ikintu na kimwe mw'Izina ry'Umwami, ico kiba ari ukuri. Ni We aba yakimbwiye. Kandi kugeza ubu, muri iyi myaka yose, mw'isi nzima, no mu mihingo yose, ntiBirigera Biba ikosa n'igihe na kimwe. Kubera…Kandi, kano kanya, murazi yuko ikiremwa-muntu kidashobora kuba ikitananirwa. Bisaba Mpwemu w'Imana mu gukora ivyo.

Ubu rero ndafise Ubutumwa negwa na Bwo. Kenshi nagiye mboneka, hagati y'abantu, neza, kumbure nk'umuntu aticaye hasi ngo yiyumvire gato, yuko nari, u - u, ôo, umuntu mubi, yuko ntakunda abantu, yuko nama igihe cose ndababababaza. Yamara ivyo sivyo na gato. Ivyo sivyo. Abantu ndabakunda. Ariko, murazi, urukundo rurakosora.

9 Hamwe umuhungu wawe muto yari kuba yicaye hariya hanze mw'ibarabara, hanyuma ugaca uvuga uti: “Junior, mukundwa, sinshaka ko uja hariya hanze, ariko…” Kandi imiduga iriko imuca hirya no hino n'umuvuduko, ugaca umukurayo. Agaca yongera akiruka ajayo. Erega, wategerezwa guca umukosora. Nimba umukunda, uca umukosora. Utegerezwa.

Hamwe wobona umuntu ariko agendera mu bwato ku ruzi, atera agana mu manga, mu kato gato, ukaba war'uzi yuko ako kato kaza kurohama nikaramuka gashitse mur'iyo manga, woca uvuga uti: “Yohana we, kumbure bigusaba kubanza kwiyumvira gato, kumbure ntuza kurokoka?” Nimba nzi ko ataza kurokoka, nca ngenda ubwo nyene nkamunyakura muri ubwo bwato, nimba ndabishoboye, kubera ni urukundo rukora ivyo.

10 Rero ubu, muri buno Butumwa mvuga, sindigera ngerageza kuzana inyigisho n'imwe, canke n'ibindi. Ivyo nda - ndabikora mw'ishengero ryanje bwite. Ariko hano hanze hagati y'abagabo n'abagore bo mu madini atandukanye hamwe n'ivyiyumviro bitandukanye, ngerageza gusa kubizana mu mero isanzwe, nkabisigura; ariko birahagije kuri aho, nimba mwaravyawe na Mpwemu w'Imana, ndizera muraza gutahura ico nshaka kuvuga, hagati mu Bakristo, Abametodiste, Ababatiste, Abaperesipiteriyano, n'abandi.

11 Ubu rero, kuri uyu mugoroba, ngomba kuzingurura mw'Itanguriro, Ikigabane ca 24. Nshaka gusoma i… mpereye ku murongo wa 12 w'Ikigabane ca 24 c'Itanguriro.

Arasenga ati: “Ewe Uhoraho, Mana…databuja Aburahamu, ndakwinginze, mpa kugira amahirwe uyu munsi, ugirire neza databuja Aburahamu.

Ehe mpagaze kw'iriba, kandi abakobwa b'abo mu gisagara bahava basokoroka baze kuvoma;

Enda se bibe birtya:

Umwigeme ndi bubwire nti: Ndakwinginze ururutsa umubindi wawe, nnyweko; akanyishura ati: Nywako n'ingamiya zawe: Uyo abe ari we watoranirije Isaka umusavyi wawe; ivyo nivyo bimenyesha yuko Ugiriye neza databuja.

12 Ubu rero mu Gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana. Aha ni mu ntango ya Bibiliya, Itanguriro. Ubu naho, mu mpera ya Bibiliya, nshaka gusoma mu Kigabane ca 21 c'Ivyahishuriwe Yohana, umurongo ugira 19. Turazi

ico kino Canditswe co mw'Itanguriro hano…Muze gusoma Ikigabane cose, nimwabishaka. Ni Imana iriko Ituma Eliyezeri. Canke, Aburahamu ariko atuma Eliyezeri, murantunga, guhitamwo umugeni kubwa Isaka. Maze Rebeka mwiza yarasohotse, aza mu nyishu itunganye ku masengesho ayo - ayo Eliyezeri, umushumba wa Aburahamu, yari yasenze.

Ubu rero, mu murongo ugira 9 w'Ikigabane ca 21 c'IvyahishuriweYohana.

Haza umwe wo muri ba bamarayika ndwi, bari bafise za nzavya ndwi zuzuye ivyago ndwi vy'iherezo, avugana nanje, arambwira ati: Ngwino nkereke Umugeni, Umugore wa Wa mwagazi.

13 Rero ngomba gufata nk'umutwe w'amajambo, uyu mugoroba, ibi: Guhitamwo Umugeni. Kandi iyi ni, nimba uyu mwene Data afata amajwi abigomba, iyi ni bănde ushobora kujana ukanayikwiragiza.

Ubu rero, muri ibi, ntibisigura neza na neza yuko ndiko mvuga rino koraniro riri ng'aha, ariko ano mabănde aja hirya no hino kw'isi. Arashirwa mu zindi ndimi, hafi, ôo, indimi nyinshi, no mu bihugu vy'abapagani hirya no hino kw'isi. Turabarungikira amabănde, ku buntu, kw'ishirahamwe ry'ishengero. Kandi arashirwa mu zindi ndimi. Maze hariya kure hose mu bibira vyo muri Afrika, no mu Buhindi, no hirya no hino kw'isi, kandi hirya no hino kw'isi, ano mabănde arashikayo.

Ubu rero, guhitamwo Umugeni!

14 Mu bintu vyinshi vy'ubuzima turahabwa uguhitamwo. Uburyo bwo kubaho, ubwabwo ni uguhitamwo. Turafise uburenganzira bwo kujana inzira yacu bwite, guhitamwo ukwo twebwe ubwacu dushaka kubaho.

Kwiga ni uguhitamwo.Turashobora guhitamwo nimba tuzokwiga, canke nimba tutazokwiga. Ukwo ni uguhitamwo dufise.

Iciza n'ikibi ni uguhitamwo. Umugabo wese, umugore wese, umusore n'inkumi, bategerezwa guhitamwo nimba bagiye kugerageza kubaho bagororotse canke kubaho batagororotse. Ni uguhitamwo. Guhitamwo ni ikintu gihambaye. Ishikiro ryanyu Rihoraho ni uguhitamwo. Kandi kumbure, uno mugoroba, bamwe muri mwebwe muraza kugira ukwo - ukwo guhitamwo, kw'aho muzoba Ibihe Bidashira, imbere yuko kino gikorane gihera kur'uno mugoroba. Hazobaho igihe kimwe, aho, nimba warateye umugongo Imana kenshi, hazobaho igihe kimwe uzoYitera umugongo irya nyuma. Hariho umurongo hagati y'imbabazi n'urubanza. Kandi ni ikintu c'irinde ku mugabo canke umugore, umusore canke inkumi, kujabuka uwo murongo, kubera nta kugaruka guhari igihe ujabutse uwo murongo ntarengwa. Rero, uno mugoroba, gishobora kuba ari co gihe benshi baza gufata ingingo ya - yabo, aho bazoba Ibihe Bidashira ubuziraherezo.

15 Hariho ukundi guhitamwo dufise mu buzima, ukwo nakwo ni, umukunzi wo mu buzima. Umusore canke inkumi, ariko aratangura ubuzima, ya - yahâwe uburenganzira bwo guhitamwo. Umusore arahitamwo. Inkumi irafise uburenganzira bwo kwemera canke kuvyanka. Ariko kuguma ari uguhitamwo, ku mpande zompi. Bompi umugabo n'umugore, barafise uburenganzira bwo guhitamwo.

Na none, murafise uguhitamwo, nk'Umukristo. Murafise uguhitamwo ishengero, hano muri Amerika, iryo ushobora kujamwo. Ubwo ni uburenganzira bwanyu bwite Abanyamerika, guhitamwo ishengero mushaka kujamwo. Ukwo ni uguhitamwo. Ntutegerezwa kuja no muri rimwe ryo muri yo, nimba utagomba. Ariko nimba ushaka guhindura uve mu Bametodiste uje mu Babatiste, canke uve mu Bakatolika uje mu Baporoti, canke n'ibindi, nta n'umwe ashobora kukubwira canke agutume uja mw'ishengero kanaka. Uwo ni - uwo ni umwidegemvyo wacu. Ico nico demokarasi yacu iri. Umuntu wese arashobora kwihitiramwo. Umwidegemvyo w'ivy'ugusenga, kandi ico ni - ni ikintu gahambaye. Imana idufashe kukigumana igihe kirekire ukwo dushoboye.

16 Murafise na none uguhitamwo. Nimba…Mu gihe uhisemwo rino shengero, ushobora guhitamwo nimba wewe, muri iri shengero, nimba uzohitamwo ishengero rizokuganisha kw'ishikiro ryawe ry'Ibihe Bidashira. Ushobora guhitamwo ishengero rifise nemera kanaka, kumbure mwiyumvira yuko iyo nemera iri ico ukeneye gusa. Canke irindi shengero rifise nemera.

Hanyuma rero ng'aho hariho n'Ijambo ry'Imana, ushobora kurihitamwo. Utegerezwa guhitamwo. Hariho itegeko ritanditse hagati yacu, ry'uguhitamwo.

Ndibaza yari Eliya, igihe kimwe, ku Musozi Karumeli, inyuma y'igipimo kidasanzwe, mw'isaha idasanzwe y'irinde iyo natwe turiko turegereza vuba. Kumbure, bishobora kuba kuri wewe canke jewe, uno mugoroba, yuko tugira uguhitamwo, nk'ivyabereye ku Musozi Karumeli. Vy'ukuri, ndibaza birabandanya, kw'isi yose, kano kanya. Ariko vuba kigiye kuba igihe aho muzotegerezwa kugira uguhitamwo.

17 Kandi namwe bagabo muri hano, ku mashengero yanyu y'ikidini, ibi gusa muvyizere, yuko igihe kibashitseko, aho mugiye kugira uguhitamwo. Mwo kimwe mugiye kuja mu Nama Nkuru y'Isi, canke ntimugiye kwongera kuba idini ukundi. Mugiye gutegerezwa gukora ivyo, kandi ukwo guhitamwo kuraje vuba. Kandi ni ikintu c'irinde kurindira gushitsa kw'iyo saha ya nyuma, nayo, kubera mushobora kuba

mwaronse ikintu kanaka mutazigera mwikurako. Murazi, hariho igihe ushobora kuburirwa, maze, iyo ujabutse uwo murongo w'imburi, ubwo nyene uba wamaze kudomwako ikimenyetso ku ruhande rwo hakurya, washizweko icapa.

18 Nimwibuke, igihe umwaka wa yubile waba ugeze, maze u - umuherezi yarasohoka akavuza inzamba, y'uko umucakara wese ashobora kwigira yidegemvya. Ariko mu gihe baba banse kwemera umwidegemvyo wabo, yaca ategerezwa kujanwa mu rusengero, ku gicaniro, bagaca bamutobora ugutwi bakoresheje urushinge, aho rero yaca akorera sebuja imyaka yose. Vyashirwa ku gutwi nk'ikigereranyo c'ukwumva. "Ukwizera kuva ku kwumva." Yaba yumvise inzamba, ariko ntashake kuyumviriza.

Kandi kenshi, abagabo n'abagore barumva Ukuri kw'Imana, bakanaKubona kwemejwe kandi kugaragajwe, Ukuri, yamara ntibashake kuKwumva. Hariho iyindi mpamvu. Hariho ukundi guhitamwo kanaka bafise, aho kwemangira Ukuri n'ibiguherekeza kubw'ivyo amatwi yabo arashobora kuzibwa ntabe acumva Ubutumwa Bwiza. Ntibazokwigera baBwumva kandi. Reka ndabahe impanuro, iyo Imana ivuganye n'imitima yanyu, nimuce mu bishira mungiro ikibiriraho.

Eliya yabahaye uguhitamwo bătegerezwa gukora. "Nimwihitiremwo uyu munsi uwo mugiye gukorera. Nimba Imana ari Imana, nimuYikoerere. Ariko nimba Bayali ari Imana, n'abe ari we mukorera."

19 Ubu rero, nk'uko tubona yuko ibintu vyose vya kamere ari igitutu c'ibintu vya mpwemu, nk'uko twabivuzeko mu cigwa cacu kano gatongo, nk'izuba na kamere karyo. Iyo niyo yabaye Bibiliya yanje ya mbere. Imbere yuko ndanasoma n'urupapuro rumwe muri Bibiliya, nari nzi Imana. Kubera, Bibiliya iranditse hose mu vyaremwe, kandi birahuye neza na neza n'Ijambo ry'Imana: ukuntu haba ugupfa, uguhambwa, ukuzuka kw'ivyaremwe; kandi izuba riraseruka, rikagenda, rikarenga, rigapfa, rikongera rigaseruka. Hariho ibintu vyinshi cane twoshobora kugereranya, Imana mu vyaremwe, ibidutegerezwa kubisimba, kubwa buno Butumwa.

20 Ubu naho, nimba ivya mpwemu canke…Ivya kamere ni igitutu c'ivya mpwemu. Rero, guhitamwo umugeni, mu buryo busanzwe, ni igitutu co guhitamwo Umugeni, Umugeni, mu vya mpwemu. Ubu rero, ni ikintu atari ico gufyinisha igihe tugiye guhitamwo umugore, umugabo, kubera izo ndagano ni gushika urupfu rudutandukanije.

Ukwo nikwo twategerezwa kubigumana. Kandi muraganira iyo ndagano imbere y'Imana, aho urupfu rwonyene nirwo ruzobatandukanya. Rero ndibaza twategerezwa… Umuntu afise ubwenge bukora neza, ariko ategura kazoza, yategerezwa guhitamwo uwo mugore mu bwitonzi ntangere. Ugabe ku vyo uba uriko urakora. Rero umugore mu guhitamwo umugabo, canke mu kwemera uguhitamwo kw'umugabo, yategerezwa gufata nkama ivyo aba ariko arakora, na cane-cane muri ino minsi. Umugabo yategerezwa kwiyumvira akongera agasenga imbere yuko ahitamwo umugore.

21 Ndiyumvira, uyu munsi, igitera ukwahukana kwinshi cane ubu, n'uko kw'isi tuza imbere muri Amerika, mu bijanye n'ukwahukana. Tuza imbere y'abandi basigaye kw'isi. Hariho ukwahukana kwinshi cane hano kuruta ahandi hose, rino hanga, kandi ryafatwa yuko riri, ryiyumvirwa nk'ihanga ry'Abakristo. Mbega igitetereza, imanza zacu z'ukwahukana! Nibaza yuko, ikibituma, ari kubera abagabo băgīye kure y'Imana, n'abagore băgīye kure y'Imana. Kandi turabona ko, iyaba umugabo yasenga n'umugore agasengera ico kintu; atari kuraba gusa ubwiza bw'amaso, canke ibitugu binini bikomeye, canke ibintu nk'ivyo, canke ibindi bigumbagumba kanaka vy'isi; ariko yategerezwa guhanga amaso Imana ubwa mbere, maze akavuga ati: "Mana, uyu ni umugambi waWe?"

22 Ndibaza, uyu munsi, hariho ugucisha ku ruhande kwinshi cane, nko kw'ishure. Igihe - igihe abana baje, mu gitondo, abana benshi bo mu kibano b'aba - abagenzi banje, bahora baza bakambwira bati: "Mwene Data Branham, wodusengera? Turafise i - ikibazo uno munsi. Ni - nize ijoro ryose, ariko simbona ko nshobora - nshobora kuba navyize neza. Nsengera."

Ndibaza yuko buri munyeshure wese, iyaba mwashobora, iyaba… Kandi abavyeyi ku meza mu gatondo, mwoshoboye kuvuga muti: "Mawe, Yohana arafise ikibazo uno munsi. Tumusengere kano kanya." Ndibaza vyosumba ivyo wokwigera ukora vyose mu yindi nzira, canke kurabira ku rupapuro rw'uwundi no gucisha ku ruhande. Ndibaza iyaba mwaza hanyuma mukabisengera.

23 Ese iyaba twasuzuma ico tuba turiko turakora igihe tuba tugiye kwubaka izacu, igihe duhitamwo abagore bacu, abagabo bacu, iyaba twavyigako mu bwitonzi! Umugabo yategerezwa gusengana umwete, kuko yoshobora guta mu kaga ubuzima bwiwe bwose. Mwibuke, izo ndagano ni "gushika urupfu rudutandukanije," rero yoshobora guta mu kaga ubuzima bwiwe mu kugira uguhitamwo kubi. Ariko iyaba ivyo abizi, akagira uguhitamwo kubi maze akābīra umugore atabereye kuba umugore wiwe, kandi akabikora ukwo biri kwose, aho rero ni ikosa ryiwe. Iyo umugore ahisemwo umugabo kandi ukaba uzi yuko atabereye kukubera umugabo, nawe iryo ni ikosa ryawe bwite, umaze kumenya ikiri iciza n'ikibi. Rero, ntiwategerezwa kubikora gushika umaze gusengana ubwira, mu buryo bwimbitse.

24 Ivyo nyene birakora muguhitamwo ishengero. Ubu rero, mutegerezwa gusengera ishengero

mugiriramwo isangira. Nimwibuke, amashengero arafise impwemu.

Rero ubu, singomba kunegura. Ariko ndatahura yuko ndi umutama, kandi ntegerezwa kuva ng'aha, umwe wo muri iyi minsi. Nzotegerezwa kwishura ku Munsi w'Urubanza ku vyo ndiko ndavuga kur'uno mugoroba canke ikindi gihe cose. Kubw'ivyo jewe, ntegerezwa kuba imvugakuri koko kandi nemejwe vy'ukuri.

Ariko, ugiye mw'ishengero, kandi niwihweza inyifato y'iryo shengero, uzoce uraba umwungere gato, muri rusangi uzosanga ishengero ryîtwāra nk'umwungere. Rimwe na rimwe, ndibaza nimba tutaronka impwemu y'umwe n'uwundi mu gishingo ca Mpwemu Yera. Ushitse ahantu umwungere ashimitse cane n'ibishika, uzosanga n'ikoraniro rimeze ukwo.

Nzobajana kw'ishengero aho nabonye umwungere azunguza umutwe awujana inyuma n'ibindi. Muravye ikoraniro, bakora ivyo nyene. Fata umwungere, amiragura buri kintu, muri rusangi ishengero rizoca rikora ivyo nyene.

Rero, iyaba nariko ndahitamwo ishengero, nohisemwo ishengero nyaryo, rishimikiye ku Vyanditswe, ry'Ubutumwa Bwiza bwuzuye, rya Bibiliya, iyaba nariko ndahitamwo iryo kujanamwo umuryango wanje. Guhitamwo. Narihweje…

25 Abahungu, ejo bundi, umuhungu wa mwene Data Shakarian n'umukwe wiwe, baranzanye hano gusengera umusore umwe, umuririmvyi, umuhungu w'abandi. Ngarutse gusa…Fred Barker, iryo niryo ryari izina ryiwe, yar'avuye mu rugendo. Maze baciye banterefona bambwira yuko "Fred yari ku mpfiro." Rero niho, imbere yuko ninjira mu nzu, ubundi butumwa buca buraza: "Ashobora kuba yapfuye kano kanya." Yavuze yuko yagize u - ukuvirirana kw'amaraso mu bwonko, maze aca arakongatara, rero - rero yariko arapfa, umugore wiwe nawe yariko arandondera kugira ndamusengere.

Hanyuma nca ndiyumvira nti: "Ôo, ninagerageza kugenda n'indege, yoba yapfuye imbere yuko nshikayo, kandi ashobora kuba yapfuye." Rero, naciye nâkura vyihuta, uwo mupfasoni akiri muto nca ndamuronka kuri terefone. Hanyuma - hanyuma tuca dufata terefone tuyishira ku gutwi kwa Fred. Ntiyari agishoboye gutamira. Bari bamuhaye ikintu kimufasha gutamira. Rero igihe twamara kumusengera, yaciye avuga, yerekana akoresheje ibimenyetso, kugira bamukuremwo ico kintu mu muhogo. Yari ashoboye gutamira. Umuganga ntiyavyizeye. Ico kintu baca barakimukurako, kandi yari ashoboye gutamira. Yari yicaye neza, ejo bundi.

Ishengero; guhitamwo ishengero.

26 Terefone yasonye gusa, haraheze akanya, muri kano gatondo. Umunywanyi w'ishengero ryanje, uwo nawe akaba ari umukenyezi w'Umubatiste nyawe ava I Louisville, yitavye Imana mu gaturuturu k'uno munsi. Hanyuma ishengero ryanje muhira, umugwi nyawo w'abagabo bĭshikaniye Imana, baca bariyegeranya ubwabo baja hamwe maze baca baramanuka, imbere yuko abajejwe ivy'amaziko bamusiga amavuta amubuza kubora, baca bamuhagarara iruhande, barasenga gushika ubuzima bumugarutsemwo. Rero ni muzima, kuri uyu mugoroba. Abakurambere bo mw'ishengero ryanje, erega, bĭgīshijwe kwizera yuko vyose bishoboka, baca begera Imana n'imitima ishimitse.

Rero, mutegerezwa kugirauguhitamwo kwiza.

27 Kandi rero, ubwoko bw'umugore umugabo azohitamwo, nibwo buzokwerekana intego n'ingeso vy'uwo mugabo. Nimba umugabo ahisemwo umugore atabereye, vyerekana ingeso yiwe. Ico yibohanya naco ubwiwe, kirerekana vy'ukuri ikiri muri we. Umugore yerekana ikiri mu mugabo iyo amuhisemwo ngo amubere umugore. Vyerekana ikiri ibwina muri we. Ntaco bitwaye ivyo avuga hanze, nimwihweze uwo yăbīriye.

Ngiye mu biro vy'umugabo, kandi avuga yuko ari Umukristo; ifoto zikaba zimanitse ku mpome zose, umuziki nawo wa kera wo mw'isi ukaba ari wo utera uja imbere. Sinitayeho ivyo avuga. Sinizera intahe yiwe, kubera impwemu yiwe iriko igaburirwa ivyo bintu vyo mw'isi.

Iki, tuvuge, hamwe yokwábīra umwigeme aririmba ivyo mw'isi, canke vyoba ari ibiki hamwe yokwábīra umwamikazi w'ivy'urushirasoni, canke akagoregore keza ka none? Birafise ico vyerekana. Vyerekana ibiri mu vyiyumviro vyiwe, ico urugo rwiwe rwo muri kazoza rugiye kuba, kubera yamutwaye kugira azomurerere abana. Kandi ico uwo mugore ari co cose, ukwo niko azorera abo bana. Rero, vyerekana ikiri mu mugabo. Umugabo atwara umugore nk'uyo, vyerekana ico yiyumvira kuri kazoza. Mwoshobora kwiyumvira Umukristo ariko akora ikintu nk'ico? Oya, mushingantahe. Sinibaza. Umukristo w'ukuri ntazorondera abo bamikazi b'ubwiza nk'ubwo, n'abo bigeme baririmba ivyo mw'isi, n'abamikazi b'ivy'urushirasoni. Azorondera ingeso Rukristo.

28 Ubu rero, ntushobora kuronka vyose. Harashobora kubaho umukobwa umwe mwiza koko. Hanyuma uwundi mukobwa, kumbure si…igihagararo ciwe kiboneka neza kurusha umwe wundi. Rero kumbure bigusaba ko ureka umwe kubw'uwo wundi, ariko, nimba adafise igihagararo c'umupfasoni, umukenyezi.

Kandi, uwo mugore, sinĩtāyeho nimba ari mwiza canke atari mwiza. Vyiza wokwihweza ingeso ziwe, yaba mwiza yareka.

Ubu naho, kuko, birabereye, iyaba Umukristo yahitamwo umugore, abwirizwa guhitamwo umugore nyawe, yavutse ubwa kabiri, ntaco bitwaye ukwo aboneka. Ico ari, nico kimugize. Kukaba nk'ako, kandi, ivyo vyerekana ingeso yiwe bwite ya Kimana, bikanerekana ibiri mu vyiyumviro vyiwe n'ibigiye kuba muri kazoza, kuko umuryango wiwe uzorerwa n'uyo mugore nyene, kubw'imigambi yiwe ya kazoza ku rugo rwiwe.

None hamwe yâbiriye umwe muri tuno tugoregore twa none, abamikazi b'ivy'urushirasoni, yoshobora kwitega iki? Ni urugo bwoko ki umugabo yoshobora kwitega kuronka? Hamwe yâbiriye umukobwa atifitiye n'indero ihagije yo kuguma muhira no kwitaho urugo, yamara ashaka gukora mu biro vy'umuntu kanaka hiyo hanze, uwo azoba umunyarugo bwoko ki? Uzoronka abayaya n'ibindi vyose. Ukwo ni ukuri.

29 Ubu rero, sinemeranya n'iyi mfōro ya none, y'ugukora kw'abagore. Igihe nabona abo bagore n'iyo myambaro isa, bazunguruka hano mu gisagara, nk'abapolisi, ni umuvumo kuri buri gisagara kizoreka umugore agakora ivyo. Murabona? Murabona? Mu gihe hari abagabo benshi ata kazi bafise, vyerekana ivyiyumviro bigezweho vy'igisagara cacu. Vyerekana uguta akaranga. Ntidutegerezwa kugira abagore aho hanze nk'ukwo. Nta myitwarariko bafise hiyo hanze nk'ukwo. Igihe Imana yaha umugabo umugore, Yamuhaye ikintu ciza kurusha ibindi vyose Yoshoboye kumuha, inyuma y'agakiza. Ariko mu gihe umwe agiye kugerageza gufata ikibanza c'umugabo, aho rero aca aba ikintu c'ubuyobe kurusha ibintu vyose yoshobora kuronka. Ubu rero, ukwo ni ukuri. Murabona? Ubu rero turashoborakubona aho bikora mu buryo bwa mpwemu. Nda - ndazi ko ibi ari bibi, mwibaza kw'ari bibi, ariko ni Ukuri. Ntitwitayeho ukuntu ari bibi, dutegerezwa kwemanga ibintu ukwo bimeze. Ivyo nivyo Bibiliya yigisha. Murabona?

30 Kano kanya, turabona hano mu buryo butomoye umugambi wo muri mpwemu, w'integuro y'Imana kubw'Icicaro co muri kazoza hamwe n'Umugeni waYo wo muri kazoza, ugaragaye ubu. Iyo umugabo yabiriye umwamikazi w'ivy'urushirasoni, murabona ico aba arondera kubwa kazoza.

Iyo umugabo yabiriye umugore atazoguma mu rugo, murabona ico aba ariko ararondera muri kazoza. Kandi igihe kimwe na… Ibi vyumvikana kw'ari bibi cane. Niyumvisemwo gusa kubivuga. Rero je - jewe muri rusangi, iyo niyumvisemwo kuvuga ikintu, ntegerezwa kukivuga. Kandi mu bisanzwe ni inzira y'Imana. Na - nahora njana n'umworozi twakorana, kugura inka. Maze nkabona uwo mutama igihe cose araba neza na neza mu maso h'inyana imbere yo kubaza igiciro cayo. Aho rero yarayihindukiza umutwe, akayiraba inyuma n'ibindi. Nca ndamukurikira, ndamwitegereza. Yarayihweza hasi no hejuru, nimba iboneka neza, igihagararo cose. Yaca ayihindukiza akayiraba mu maso, hanyuma rimwe na rimwe akayizungagiza umutwe agaca yegerwayo.

Naciye mvuga nti: "Jeff,ngomba ndakubaze ikintu kimwe."

Aravuga ati: "Jako, Bill."

Hanyuma ndavuga nti: "Kubera iki igihe cose iyo nka uyihweza mu maso?" Ndavuga nti: "Iboneka neza cane, inka nziza - nziza ivyibushe."

Aravuga ati: "Ngomba ndakubwire, muhungu, ufise vyinshi vyo kwiga." Kandi na - narabimenye amaze kubimbwira. Yavuze ati: "Sinitaho ukwo iba ihagaze. Ishobora kuba ari umusoso gushika ku kimono. Ariko nimba ifise mu maso umengo irasara, ntuze wigere uyigura."

Ndavuga nti: "Kubera ikirero, ga Jeff?"

"Neza," aravuga ati: "Ikintu ca mbere n'uko," aravuga ati: "ntizoguma hamwe." Kandi aravuga ati: "Ikindi naco n'uko, itazokwigera ibera umuvyeyi imitavu yayo." Aravuga ati: "Bayishira mu ruhongore, nico gituma ivyibushe. Yugururire gusa, hamwe n'ayo maso yayo umengo irasara, yoca yiruka igahakwa gupfa.

Naciye mvuga nti: "Urazi, ndibaza mpejeje kwiga ikintu kanaka. Ndibaza yuko ivyo bikora no bagore, nabo."

Neza. Neza. Ayo maso umengo ni ay'umusazi, yeragurika, y'akagoregore, vyokubera vyiza ugumye kure yiwe, wa musore we, ivyo bintu vyose bisa n'ubururu ku maso yiwe. Kandi sini…Kandi sinoshaka ivyo. Sinibaza yuko ivyo bibereye Umukristokazi. Sinitayeho kangahe imboneshakure n'ibinyamakuru bivuga ngo ni ivy'ubwiza. Ni ikintu giteye ubwoba cane, c'ubuyobe kiboneka nigeze kubona mu buzima bwanje.

31 Igihe ivyo ndabibona ubwa mbere, hano kuri Clifton's Cafeteria, igihe kimwe mu gatondo, mu gihe c'imfungurwa zo ku kavuna-musase. Nabonye bamwe, abo bagore begereza. Mwene Data Arganbright yari yinjiye, hamwe na jewe. Rero yari yagiye mw'igorofa yo hasi. Nditegereza, maze umukobwa ari hano aca arinjira. Nca ndiyumvira nti: "Neza, Si - si - si - sinzi." Sinari nabibonye imbere y'aho. Vyari ibintu bimeze ukuntu. Ôo, vyasa nk'aho yari yaboze, murabona, nk'ikintu nyene gitwengeje. Sindiko mvuga ivyo

kugira ngo ndabatwenze. Ndiko - ndiko ndabivuga. Murazi, ndamaze kubona imibembe. Ndi umumisiyonari. Narabonye ubwoko bwose bwo kwononekara, murazi, gutewe n'indwara. Nagira negere uwo mukobwa ndamubwire nti: "Ndi - ndi - ndi umuvugabutumwa. Nda - ndasengera abarwaye. Uripfuza - uripfuza yuko ndagusengera?" Rero sinari bwigere mbona ikintu na kimwe gisa nk'ukwo. Ubwo nyene, haca hinjira bandi babiri canke batatu. Mu buryo kanaka nca ndasubira inyuma, ndatenyenya. Niho mwene Data Arganbright yaca agaruka, rero nca mvuga nti: "Mwene Data Arganbright?" Ashobora kuba ari hano. Ndavuga nti: "Barya bagore bafise ingorane nyabaki?" Nawe aca avuga: "Rirya, rirya ni irangi." Ndavuga nti: "Neza, bagenzi, bagenzi!" Murabona? Niyumviriye yuko bategerezwa kumushira mu nzu y'abarwaye akaranda ahantu kanaka hano, murazi, babikinge ntibize kwandukira abandi bagore.

32 Ariko, urazi, utegerezwa gutegura, kwitegereza, gusenga, igihe uba uriko urahitamwo. Kubera, turabona, biciye kuri ibi, rino Jambo ry'isezerano. We, umugeni uwo mugabo yategerezwa guhitamwo, aba agiye kwerekana ingeso yiwe. Vyerekana ikiri muri we. None ubu, mwoshobora kwibaza umugabo, yuzuye Mpwemu Yera, atwaye ikintu nk'ico ngo kimubere umugore? [Ikoraniro rivuze riti: "Oya." - Umw.] Si -si - sindabibona, mwene Data. Ubu rero, kumbure ko ndi umutama gusa ataco amaze. Ariko, murazi, Ivyo si- sinshobora kubitahura, murabona, murabe neza, kubera biba bigiye kwerekana ikiri muri we. Aba agiye kumufasha kugira urugo rwiwe rwo muri kazoza.

Ubu, rero, tugaruke akanya gato, ku ruhande rwa mpwemu. Rero iyo ubonye ishengero riri mw'isi, rikora nk'isi, ryipfuza ivyo mw'isi, risabikanya n'isi, rifata yuko Ivyagezwe vy'Imana Itigeze Ivyandika, niho uca - uca ushobora kwiyumvira yuko Kristo atagiye gutwara Umugeni ameze nk'uwo. Mwoshobora kwiyumvira gufata ishengero rya none ry'uyu munsi nk'Umugeni? Atari Umwami wanje. Si… Ivyo noshobora kubibona bigoranye. Oyaye.

Nimwibuke, ubu, umugabo n'umugore wiwe bari umwe. Wokwimatanya wewe ubwawe n'umuntu nk'uyo? Nimba wobikora, vy'ukuri vyotangaza ukwizera ndagufiseko.

33 None rero, ni gute Imana ubwaYo Yokwifatanya n'ikintu nk'ico, imaraya nyayo y'ikidini? Mwibaza ngo Yobikora, "Bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bahakana ubushobozi bwakwo"? NtiYokwigera ibikora. Ritegerezwa kuba rifise ingeso yaYo muri ryo. Ishengero nyaryo, ry'ukuri, ryavutse ubwa kabiri ritegerezwa kugira ya - ya ngeso yari muri Kristo, kuko umugabo n'umugore bari umwe. Kandi nimba Yesu Yakoze gusa ivyahimbara Imana, akagumya Ijambo ryaYo kandi Akagaragaza Ijambo ryaYo, Umugeni waYo nawe azotegerezwa kuba uw'ingeso nk'iyo nyene. Ntiyoshobora kuba idini, ukwo vyomera kwose. Kubera, muri ico gihe, ntaco bitwaye kangahe ugomba kuvuga "oya," rigenzurwa n'inama iri ahantu kanaka, iribwira ivyo rikwiye gukora n'ivyo ridashobora gukora, kandi, kenshi, biba biri ku mamayili umuliyoni [ku bilometero umuliyoni] uvuye ahari Ijambo ry'Ukuri.

34 Ni bibi cane kubona twaramaze kuva kuri wa Murōngōzi nyakuri Imana Yadusigiye kugira arongôre Ishengero. Ntiyigeze Irungika abagenduzi bakuru. Ntiyigeze Irungika abasenyeri, abakaridinari, abapatiri, abapāpa.Yarungikiye Mpwemu Yera Ishengero, kugira Arirongore. "Mpwemu Yera niyaza, azobarongorera ku Kuri kwose, abahishurire bino bintu Nabábwiye, abibibutse, azobereka ibigiye kuza." Mpwemu Yera yari UWo gukora ivyo.

Ubu rero, ishengero rya none riranka Ivyo. NtibaBikunda, ni gute yamara ryoshobora kuba Umugeni wa Kristo? Abantu b'uyu munsi bariko bahitamwo idini rigezweho. Ico bikoze, vyerekana ugutahura Ijambo nabi kwabo. Singomba kubababaza, ariko nshaka ko vyinjira neza gushika muvyihweje.

35 Narahezagiye imigwi y'abakundanye myinshi, ariko igihe cose binyibutsa Kristo n'Umugeni wiWe. Bumwe mu bugeni nahezagiye hano, mu gihe kanaka giheze, cări i - ikintu kanaka cangumyemwo. Haraciye imyaka myinshi, igihe nari nkiri umuvugabutumwa akiri muto.

Murumunanje yakora muri PWA [Ryari ishirahamwe rya reta: Public Work Administration -Umus.]. Sinibuka uwundi akivyibuka ivyo, ahari, canke adahari, uwundi wese ashaje nkanje. Rero uwo niwo mu - mugambi Reta yari ifise. Rero murumunanje niyo yakora, nko ku mamayili mirongo itatu [ibilometero 48]. Bahora bimba ibinogo binini kanaka vyagutse, kubwo gukingira ibidukikije. Maze aho hariho umusore yakorayo, băkoraba, yava muri Indianapolis, nka, ôo, nka mayili ijana [ibilometero 160] ruguru ya Jeffersonville aho - aho mba, canke aho nába. Rero ng'aho hări i…Yabwiye murumunanje, umunsi umwe. Yavuze ati: "Doc," aravuga ati: "Nsha - nshaka… Ndi mu kugira ubugeni, ese iyaba nari mfise amahera akwiye yo kuriha umukozi w'Imana." Mfi - mfise amahera akwiye yo kuriha urupapuro ndangabugeni, ariko," aravuga ati: "Nta mahera akwiye mfise yo kuriha umukozi w'Imana."

Doc aca avuga ati: "Neza, mukurwanje ni umukozi w'Imana, kandi - kandi arashobora guhezagira ubugeni bwawe." Aravuga ati: "Ntiyigera asaba abantu ibintu ben'ivyo."

Aca avuga ati: "Womumbariza nimba yohezagira ubugeni bwanje?"

36 Maze, iryo joro murumunanje aca arambaza. Nca mvuga nti: "Nimba atari bwigere arongora imbere y'aho, umwe wese muri bo, kandi ivyabo bikaba bimeze neza."

Aravuga ati: "Neza, ego, nzomubaza." Kandi nca mvuga nti: "Nimba bir'uko, uce umubwira amanuke aze."

Rero, kuwa gatandatu hageze uwo musore aca araza. Vyama ari ibintu bidasanzwe kuri jewe, igihe cose ibi ndabigarutseko. Nobaye…Umuhingamo w'imvura nyinshi, niho haza bukwi na bukwi imodoka ishaje yo mu bwoko bwa Chevrolet, ifise ibiyo vy'amatara biboheshejwe intsinga, ica irahagarara. Gato gusa inyuma yo kubura umugore wanje, nari mbayeho jenyene, mu twumba tubiri. Na - na Doc yari kumwe nanje ng'aho, tubarindiriye. U - umuhungu aca arasohoka muri nya modoka, kandi vy'ukuri ntiyasa n'umukwe, kuri jewe, canke kumbure ku wundi wese, ndibaza. Egome. Noshobora ku…kugura umwambaro mwiza w'ibirato, vy'idolare rimwe n'igice. Wêwe rero yari yambaye umwambaro w'ibirato, vyăheze. Ipantaro yiwe cari ikimono nyaco. Yari yambaye imwe yo muri ya makoti ya kera y'ibikoboyi. Sinibaza yuko bamwe muri mwebwe bantu ba kera mwoba muvyibuka. Yasa nk'aho yari yacishijwe mu mashini imesura hanyuma ntibayikānya, yari yuzuye imipfunyunyu, yari ipfunyapfunye nk'uku, amaja hejuru.

37 Hanyuma u - umwigeme muto nawe aca arasohoka, yambaye intuze, ôo, imwe muri za mpuzu z'amakarokaro. Sinzi. Narigeze kwihenda mu kuvuga ubwoko bw'ico gitambara, igihe kimwe. Gingham, nibaza ko ariko citwa. Kubw'ivyo rero yări i…Nongeye kukivuga ukutari kwo. Na - nama nihenda. Rero nari mvuze… Aca arasohoka mu modoka, baca baraduga ku ngazi. Rero - rero bamaze kwinjira, uwo mwigeme muto w'umugorwa, ya…ndibaza, yuko we, ari yo jipo yonyene yari afise. Novuga ko ata n'ibirato yari yambaye. Yari yavuye muri Indianapolis agenda asaba umunyenga wa gusa, amanuka. Yari afise imishatsi yamugwa mu mu gongo, ubwoko bw'ibisuko vyamugwa mu mugongo. Yasa n'uwukiri umuyabaga cane.

Maze nca ndamubaza nti: "Urakwije imyaka yo kwubaka?"

Aca aravuga ati: "Egome, mushingantahe." Kandi aravuga ati: "Ndafise urwete rwanditse nahawe na dawe na mawe." Aravuga ati: "Vyansavye ko ndarwerekana kuri - kuri sentare ya hano, kugira ndonke urupapuro ndangabugeni."

Nca mvuga nti: "Vyiza." Ndavuga nti: "Nari nipfuza kuvugana namwe gato imbere yuko duhezagira ubu bugeni."

Baca baricara. Uwo muhungu yaguma yitegereza hirya no hino y'aho twări turi; yar'akeneye kumobwa umushatsi kubi. Rero yaguma yitegereza hirya no hino y'aho twări turi. Ntiyariko aranyumviriza. Nca ndavuga nti: "Muhungu, ngomba yuko wumviriza ivyo ndiko ndavuga."

Aravuga ati: "Egome, mushingantahe."

Maze ndavuga nti: "Urakunda uyu mukobwa?"

Aravuga ati: "Egome, mushingantahe. Ndamukunda."

Nca ndabaza umukobwa nawe nti: "Uramukunda?"

Aravuga ati: "Egome, mushingantahe."

Ndavuga nti: "Vyiza. Kano kanya," ndavuga nti: "Ngomba nkwibarize ikintu kimwe. Numvise, ngo ukora hiyo ruguru muri rirya shirahamwerya reta PWA" [Public Work Administration].

Maze aca avuga ati: "Egome, mushingantahe." Aho ni nk'amadolare cumi n'abiri ku ndwi.

Nca ndavuga nti: "Wibaza yuko ushobora kuronka ivyo kumubeshaho?"

Aravuga ati: "Nzokora ivyo nshoboye vyose." Nca mvuga nti: "Vyiza, aho bimeze neza."

Hanyuma nca mbaza nya mukobwanti: "Ubu naho, ni gute hamwe agiye…Ni gute hamwe atakaje ako kazi, ga mushikanje? Uzoca ukora iki, uzoca wigira wisubirire muhira, kwa so na nyoko?"

Aravuga ati: "Oya, mushingantahe. Nzogumana na we."

Nca ndavuga nti: "Ni gute, ga mushingantahe, niwaba ufise abana batatu canke bane, atavyo kubagaburira ufise, ata n'akazi ufise. Uzoca ukora iki, uzoca umwirukana?"

Aravuga ati: "Oya, mushingantahe. Nzobandanya nigwanako. Tuzororanirwa, ukwo biri kwose."

Naciye niyumva mbaye muto. Kandi naciye mbona ko yamúkūnda vy'ukuri, kandi yuko băkūndana. Nacîye mpezagira ubugeni bwabo.

38 Niho rero natangazwa n'ahantu yaciye amujana. Haheze iminsi mike, nca mbaza murumunanje Doc, aho ari ho.

Aca avuga ati: "Manuka i New Albany," igisagara gito kiri munsi y'iki cacu. Rero epfo ku ruzi, ahantu nari nashize amabati, aho nahora nja buri munsi igihe nari - nari nkiri umufundi w'inzira z'umuyagankuba.

Mu gihe abandi bagabo bose băba bicaye, bavuga ibitĕbu n'ibindi, naca ninjira mu gikamyo hanyuma nkanyaragasa manuka ku ruzi nkaca nsenga mw'uyo mwanya!...?...Nkaca nsoma Bibiliya, musi y'igihimba kinini c'ibati ahahoze ihinguriro rya kera ry'ivyuma.

Hăriyo ikirundo c'amabehewa ashaje hiyo. Hanyuma rero uwo muhungu yari yâgiyéyo afata imwe muri ayo mabehewa, ayikorera umuryângo. Yari yarondeye impapuro z'ibinyamakuru n'imisumari y'inkofero. Ni bangahe bazi ico ari co imisumariy'inkofero? Nta banyakentuki bari hano, rero. Ni, ufata igihimba c'igikarato, ukagiteramwo twa dusumari dutoduto tw'inkofero, agasumari gato. Hanyuma mugaca mucinjiza mu…Uwo niwo musumari w'inkofero.

39 Rero, bări bayimaditse hose kuri nya behewa. Yari yaduze hamwe hări ryahinguriro ry'ivyuma kugira aronke ibintu vyo gukoresha ingazi, yo kudugirako. Yari yarondeye ibisandugu vyashaje, aba yironkeye imeza. Niho niyumvira, umunsi umwe nti: "Nzomanuka ndabe ingene bamerewe." Nk'amezi atandatu imbere y'ivyo, nari nahezagiye ubugeni bw'umukobwa wa E.V. Knight n'umuhungu wa E.T. Slider. E.V. Knight, umwe mu batunzi bari ku Ruzi Ohio, kandi, ôo, arongoye amahinguriro akomeye hariya, akora zino nzu baterateranya z'imbaho, n'ibindi. Hanyuma - hanyuma Slider, E.T.Slider, ni ishirahamwe ry'ivy'umusenyi n'urucekeri, abana b'abanyamamiliyoni. Rero nari nahezagiye ubugeni bwabo.

N'uko ndagaruka ahantu kanaka, ndavyimenyereza nk'amayinga abiri, hanyuma ndagaruka mu kibanda mpfukama ku múdo. Kandi imigirwa yose y'imanza n'ibindi nigeze gucamwo, hafi, nabwirijwe gucamwo, kubwo guhezagira ubugeni bw'uwo mugwi w'abakundanye! Rero igihe băsohoka, erega, bări… Uwo mugwi wundi w'abakundanye wari wibereye gusa mukumba gato ka kera aho twari dufise igitanda gito co kuruhukirako n'ikindi cari kizinze, ariko abo bompi ubugeni bwabo bwari bwahezagiriwe n'ibirori bimwe.

40 Hanyuma rero, umunsi umwe, niho niyumvira yuko nabwirizwa kumanuka kugira ngendere uwo wundi mugwi w'abakundanye b'abatunzi. Ntibătegerezwa gukora, ba se babo bări amanyamamiliyoni, bări bâbūbakiye ahantu heza ho kuba. Mu vy'ukuri, uwo E.V. Knight, haruguru, hiyo ku musozi, ivyuma bifasha mu kwugurura imiryango bifise igipimo ca cumi na kane c'inzahabu mu kirimba ciwe kinini, kubw'ivyo murashobora kwibaza inzu bwoko ki babayemwo. Ntibătegerezwa gukora. Băba bafise imodoka nziza yo mu bwoko bwa Cadillac băhābwa buri mwaka. Rero gurtyo, abo bana gusa, bări bafise ico băshāka cose.

Igihe najayo umunsi umwe… Mu bisanzwe, ukuntu namenyanye nabo, umwe mu bagenzi babo yari incuti yanje magara. Twese twari nk'abagenzi. Rero, ukwo niko nabamenye, igihe bashaka yuko mpezagira ubugeni bwabo.

41 Rero naraduze kubagendera. Ndururuka muri Ford yanje ishaje, hanze, nca ndaduga ku ngazi. Maze - maze gushika hejuru,negereye cane, nca ndabumva. Băriko barashamirana bimwe bikomeye. Bări bafitaniye ishari. Bări bâmye mu butambiro. Yari umukobwa mwiza koko. Yari umwe wo muri ubu bwoko bw'abamikazi b'ubwiza. Yari yatahukanye impembo nyinshi mur'ako karere, atsindira imiduga kanaka n'ibindi, kubwo kuba umwamikazi w'ubwiza.

Maze ndabitegereza, umwe yari yicaye mu mfuruka imwe uwundi mu yindi mfuruka, băriko barashwana bapfa umuhungu umwe yari yatambanye nawe, canke umukobwa kanaka, ikintu nk'ico. Maze gushika, baciye basimba vyihuta barafatana, ku makaro ,bafatanya amaboko ya - yabo, mur'ico kibanza c'amakaro, baca baraza bagana ku muryângo. Baca bavuga bati: "Eee, amahoro ng'aho, mwene Data Branham! Amakuru yawe?"

Ndavuga nti: "Ni meza. Namwe amakuru yanyu mwempi?"

Ngo "Ôo," aravuga ati: "Nda - nda…Tumeze neza cane. Siko ga mukundwa?"

Aca amwishura ati: "Egome, mukundwa." Murabona?

42 Ubu rero, murabona, muba muriko mwerekana ikintu kitari ic'ukuri. Ntimushobora kuronswa ubushuhe n'igicapo c'umuriro, nk'uko amwe muri aya mashengero agerageza gucapura pentekote, y'ikintu cashitse haheze imyaka igihumbi canke imyaka ibihumbi bibiri. Ntushobora kuronswa ubushuhe n'igicapo c'umuriro. Pentekote ni iy'ukuri uyu munsi nk'uko yari na kiriya gihe. Murabona? Egome. Urya Muriro uracamanuka. Si umuriro ucapuwe. Ni Umuriro nyawo. Rero, bó, bari ng'aho. Murabona? Si - sinokwipfuza kubaho ben'ukwo.

43 "Ôo," nca ndiyumvira nti: "Urazi, hariya munsi y'imanga, hafi y'uruzi, niho bamwe bandi babiri bagiye kuba." Ndiyumvira nti: "Uwa gatandatu umwe ku muhingamo nzokubitirayo ndabe ukwo bamerewe." Kubw'ivyo jewe, nsa nabi mu maso, nambaye isarubeti icafuye, mfise n'ibikoresho vyanje vy'akazi. Nca ndiyumvira nti: "Nzobubira." Narômbōtse nk'aho nariko ndasuzuma intsinga zononywe n'inkuba canke ikintu nk'ico, mu gihe nariko ndagenda nkurikira urutsinga rwa terefone, intsinga z'umuyagankuba zijana inkengera y'uruzi. Hanyuma hariho ya modoka yo mu bwoko bwa Chevrolet ya kera, yari ihagaze imbere y'iwabo. Hari haheze nk'umwaka, inyuma y'aho mpezagiriye ubugeni bwabo. Kandi hariho i - i…Umuryângo wari wuguruye, nari nshoboye kwumva bariko baravuga. Rero ibi vyumvikana nk'indyarya, ariko

narombotse ndegereza cane kugeza y'aho nari nshoboye kwumviriza, kuraba ivyo bariko baravuga.

Narahagaze ng'aho. Rero nashâka kumenya, jewe ubwanje. Ndakunda gusuzuma no kumenya neza ivyo mba ndiko ndavuga. Ukwo niko ndabigenza kw'Ijambo ry'Imana. Ni Iry'Ukuri canke si iry'Ukuri? Irafata nkama Ijambo ryaYo canke Ntifata nkama Ijambo ryaYo? Idafashe nkama Ijambo ryaYo aho rero ntabwo ari Imana. Murabona? Irafata nkama Ijambo ryaYo, ni Imana. Murabona?

44 Rero nashâka kubona ingene bari bamerewe. Niho nomboka ndegereza cane, bukebuke. Nca ndamwumva avuga ati: "Ôo, mukundwa, iyi nari naripfuje kuyikugurira, bimwe bibi."

Umugore aca aravuga ati: "Ubu rero raba, rukundo rwanje." Aravuga ati: "Iyi mpuzu imeze neza." Aravuga ati: "Erega, iyi ni nziza pe." Aravuga ati: "Iyo ndayikunze. Ariko urabona…"

Narombotse ndegereza cane, ku buryo nari nshoboye kuraba ncishije mu mwĕnge, kubera umuryango w'iyo behewa wari wuguruye. Rero umugabo yari ng'aho, yicaye, umugore wiwe amwicahe ku bibero; bafumbatiranye. Yar'afise imwe muri za nkofero za kera zirebaye cane, yari yaratoboye agatobo gatoya, aca ashiramwo iyo nkofero uruhande rwo hejuru, yari yashizemwo umushahara wiwe, muri yo. Yari - yari yayasutse ku meza. Yariko avuga ngo: "Aya n'ayo gusumisha. Aya nayon 'ay'ubwishingizi. Aya nayo n'ay'imodoka." Kandi ntibashobora kuronka ayakwiye. Niho natahura yuko, yari yabonye ikanzu mwidirisha ry'iduka, hari haheze amayinga kanaka ayihweza, yagurwa idolare rirenga. Aravuga ati: "Vyiza, mukundwa, woberwa uyambaye."

Maze aravuga… Nawe ati: "Ariko, mukundwa, ikanzu nda - ndayifise. Vy'ukuri si - sindayikeneye." Murabona?

Niho uwo mwamikazi muto…

45 N'uko nca ndasubira inyuma, ndaba ruguru. Nari nshoboye kubona u - umunara uri hejuru ya ya yindi nzu. Nca ndahagarara maze ndihweza, iminota mikeya. Ndiyumvira nti: "Ni nde ari umuntu w'umutunzi?" Ndiyumvira nti: "Hamwe, ga Bill Branham, hamwe woshaka guhitamwo kimwe muri ibi bibanza, woja hehe?"

Kubwanje, sinohitamwo ico kintu c'ubwiza buboneka hiyo ruguru ku musozi. Nohitamwo iyi ngeso hano in'epfo, uwuzogwubaka rukaguma, uwunkunda kandi akagumana nanje, uwugerageza kwubaka urugo; atari uwukuraza kurya musonga kuri buri kintu, ibisayangana; yamara umuntu ari kumwe nawe, igice cawe. Ivyo vyangumyemwo na ntaryo, ukuntu ivyo vyări biri. Umwe yahisemwo umukobwa mwiza, uwundi ahitamwo ingeso.

46 Ubwa mbere, niwihweze ingeso; maze, nimba uwo mukobwa umukunda, vyiza cane.

Nimurabe, Adamu wa mbere w'Imana nta guhitamwo na kumwe yar'afise, kubw'umugore wiwe. Nta guhitamwo yaronse. Gusa Imana yamubumbiye umwe, rero ntiyashoboye kumuhitamwo. N'uko turabona yuko uwo mugore yaciye amujana kure y'Ijambo ry'Imana bimwe bibi. Ntiyashoboye kubisengera vya nyavyo. Nta - ntari - ntari nkanje nawe. Ntiyaronseuguhitamwo.

Ikindi kandi, mu gukora ivyo, uwo mugore yaciye amukura mu gihagararo nyaco c'ukuba umuhungu w'Imana. Kandi ivyo yabikoze mu kumwereka uburyo bwiza burushirije bugezweho bwo kubaho, ikintu kanaka ico mu vy'ukuri batategerezwa gukora. Ariko ingeso yiwe yarerekanye yuko yari yakosheje. Intego n'intumbero vyiwe vyari amakosa gusa. Kandi uwo mugore yaramwemeje, akoresheje ukwiyumvira kwiwe, yuko uwo muco mushasha ugezweho yari yubuye, uwo nawo ukaba war'unyuranye n'Ijambo ry'Imana, yuko wari uburyo bwiza cane bwo kubaho.

47 None ni abagore bangahe uyu munsi, canke unyuranije, abagabo, boshobora gukwega umugore mwiza bakamujana kure y'Imana, canke umugabo mwiza bakamujana kure y'Imana, mu kugerageza kumubwira ngo: "Ivyo vyo gusenga, mwebwe mwa bahungu b'Abapentekote," bavuga ngo: "ôo, ivyo ni ivyo mu buryo bwa kera, vyarataye igihe, ivyo ntimukavyizere." Vyokubera vyiza usenze bishimitse imbere yuko wabira umukobwa ben'uyo, sinitayeho ukwo ari mwiza kwose! Co kimwe no ku mugabo!

Yaramwoheje ava mu bugombe bw'Imana amutuma akora ikintu kanaka atătegerezwa gukora, kandi, biciye kuri co, ateza urupfu ku bwoko muntu bwose. Ico nico gituma Bibiliya ibuza umugore kwigisha, canke kuvuga Ubutumwa, canke kubangura Ijambo ry'Imana mu buryo na bumwe.

Ndazi, bashikanje, benshi muri mwebwe muvuga ngo: "Umwami yarampamagariye kuvuga Ubutumwa." Singomba nguharirize. Ariko ngomba nkubwire, Ijambo ry'Imana rikubwira kutabikora. "Ntazokwigishe, canke ngo agire ububasha na bumwe, ariko acereze."

"Neza," uvuga uti: "Umwami yambwiye ndabikore."

Ivyo sindabikekeranyako na gato. Mwarumvise bwa Butumwa bwanje wa wundi mugoroba ku bijanye na Balamu? Balamu yaronse, ingingo ya mbere itomoye y'Imana: "Ntubikore." Ariko aca aguma aturatura

ng'aho gushika impera n'imperuka Imana imubwiye kuja kubikora. Kumbure ko Imana ikwemereye kuvuga Ubutumwa. Simvuze yuko Itabikoze. Ariko ntibihuye n'Ijambo ryaYo ryo ku nkomoko n'umugambi waYo. "Ariko aganzwe nk'uko ivyagezwe bivuga." Ni ukuri. Kur'ubwo rero, ntiyabwirizwa kubikora.

48 Ubu, nimurabe kandi ukuntu umugeni asanzwe agereranya uwa mpwemu. Ijambo rivuga ibi: "Yaremwe kubw'umugabo, atari umugabo kubw'umugore." Ubu naho ngiye kuvuga, kandi erega, mu minota mikeyi, ku Mugeni wa Kristo, ariko ndiko ngerageza kubereka igicapo c'inyuma cavyo.

"Umugore yaremewe umugabo, si umugabo yaremewe umugore." Ico nico gituma, mu vyagezwe vya kera, ukwo kwabira umugore arenga umwe vyǎri vyemewe. Nimurabe Dawidi yicaye ng'aho hamwe n'abagore amajana atanu, kandi Bibiliya ivuga ngo: "Yari umuntu ahuje umutima n'Imana." Hamwe n'abagore amajana atanu, Salomo nawe igihumbi, ariko nta mugore n'umwe mur'abo yoshoboye kugira undi mugabo.

49 Mwararonse ibǎnde yanje ku Kwabirana no Kwahukana. Ivyo, hariya hejuru ku musozi i Tucson, nta gihe giheze ng'aho, nari hariya ndiko ndabisengera. Barahagaritse kwiga, kugira barabe Inkingi y'Umuriro yari ikikuje umusozi ifise ishusho y'umubirikira, iguma igenda igaruka, iduga yongera imanuka. Hano hariho abantu babizi, bǎri hariya kandi barayibonye; kandi Ya… igihe Yambwira Ukuri ku bibazo bijanye no Kwabirana no Kwahukana. Nimba ng'aho hari uruhande rumwe rujana iyi nzira, urundi rukajana iyi nzira, hategerezwa kuba hariho Ukuri ahantu kanaka. Inyuma y'ayo Mashashara Ndwi, Yarerekanye icari Ukuri kuri vyo.

50 Nimwihweze, ubu rero, ntiyoshoboye kugira undi mugabo, kubera, "umugore yaremwe kubw'umugabo, atari umugabo kubw'umugore." Abo bagore amajana atanu bose bari gusa umugore wa Dawidi, kandi vyari ikigereranyo. Igihe Kristo azovyagirira ku Ntebe y'Ubwami muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi, Umugeni wiWe ntazoba ari umuntu umwe, ariko azoba ari ibihumbi vyinshi, Umugeni, bose bagize Umwe. Rero Dawidi yari afise abagore benshi, nk'abantu ku giti cabo, ariko bose hamwe bari umugore wiwe. Co kimwe nk'uko Umubiri wose w'abizera uri Umugeni wa Kristo, kubera ni We, uwo Mugore. Niwe yari umugabo.

None rero, natwe twaremwe kubwa Kristo. Kristo siwe Yaremwe kubwacu. Ivyo nivyo tugerageza gukora uyu munsi mu bitabu vyacu, tugerageza kuzana Ijambo (Iryo naRyo Rikaba ari Kristo) ngo rihuze natwe, aho kuba ari twebwe twokagerageje ubwacu gutuma duhuza n'Ijambo. Iryo niryo tandukaniro.

51 Iyo umugabo ahisemwo umukobwa kanaka mu muryango runaka, ategerezwa kutisunga ubwiza, kuko ubwiza burahenda. Kandi ubwiza, ubu bwiza bugezweho bw'isi, ni ubw'umurwanizi. "Ôo," ndumva umuntu kanaka avuze hiyo hanze, ngo: "Uhitondere ng'aho, wa muvugabutumwa we!" Ndavuze yuko ivyo bintu kur'iyi si, ivyo vyitwa vyiza, ni ivy'umurwanizi ata nkeka. Ngomba ndabikwemeze. Kubw'ivyo, mu muco w'ivyo mvuze, reka turabe mw'Ijambo Ryera ry'Imana, turabe nimba ari Ukuri canke atari Kwo. Kandi bamwe muri mwebwe bagore mushaka kuba beza cane! Nimurabe iyo vyazananye.

Mu ntango, turabona ko Satani yari mwiza cane ku buryo yahenze Abamarayika. Kandi niwe yari Umumarayika mwiza cane kubarusha bose. Vyerekana ko ari ivy'umurwanizi. Mu Migani havuga ngo, Salomo yavuze ati: "Ubwiza ntaco bumaze." Ukwo ni ukuri. Icaha ni ciza. Ata nkeka, ni ciza. Kirakwegana.

52 Ngomba ndababaze nongere ndababavugeko ikintu kanaka hano. Ngomba ko mubibona, mu minota mikeyi. Mu bwoko bwose bw'ibinyabuzima kw'isi, inyoni, ibikoko, dusanga mu buzima bw'igikoko, havuyemwo ikiremwa-muntu, ikigabo nico kiba ari ciza, atari ikigore. Kubera iki bir'ukwo? Nimwihweze i… nimwihweze impongo, i - ikigabo ciza kinini na ya mashami y'ibiti vy'amahembe, n'impongokazi nto itagira ivyo biti vy'amahembe. Nimwihweze i - inkokokazi, inkokokazi y'ibibarabara, hamwe n'urusake runini rw'amubi meza cane. Murihweza inyoni y'ingabo n'inyoni y'ingore. Murihweza imbata y'ingabo n'ingore yayo. Murabona? Nta bwoko bw'ikinyabuzima mw'isi, caremwe, gishobora guhenda no kwisuzuguza kurusha umugore.

Ubu rero, mushikanje, ntuhaguruke ngo usohoke. Rindira gusa gushika twumvise iherezo ry'Ibi. Murabona? Murabona?

Nta na kimwe gihari, nta kigore kiretse umugore, coshobora kuba igitandero. Imbwa muyita "impehesi," ingurube mukayita "i - ingurubekazi," ariko, mu bijanye n'indero, birafise indero kurusha igice c'aba bakinyi b'amareresi dufise ng'aha. Ntibishoboye kuba ikindi kintu atari indero.

53 Rero umugore yabaye uwubonekako impinduka, mu bijanye n'ukwononekara. Ukwoni ukuri. Mbega murabona aho ubwiza bumushikanye? Ninaco gituma, uyu munsi, tubona ubwiza bw'abagore buguma bugwirirana. Nimufate Pearl Bryan, muramaze kubona ifoto yiwe? Yafatwa ko yari we mukobwa wa mbere mwiza w'Umunyamerika. Nta mukobwa n'umwe w'umunyeshure ariho, w'ishure iry'ari ryo ryose, atoca amushiburira ku murongo w'inyuma.

Mbega mwari muzi yuko ivyo ari ukwo vyategerezwa kumera? Mbega mwari muzi yuko Bibiliya ibivuga yuko ari ukwo nyene vyogenze? Mbega murazi yuko ukugwa kwazananye ku mugore mu ntango? Kandi

kugwa…N'iherezo rigiye guhera muri ubwo buryo nyene, abagore bagiye kuza ku butware bongere baganze abagabo, n'ibindi. Mbe murazi ko Ivyanditswe ari ko bivuga? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." - Umw.]

Murazi, uyu munsi arambara impuzu z'umugabo, akamwa umushatsi wiwe, ivyo vyose biranyuranye n'Ijambo ry'Imana. Mbe hoho murazi ko agereranya ishengero? ["Egome."] Nimwabona ivyo abagore bariko barakora, muzoca mubona ivyo ishengero ririko rirakora. Ukwo ni ukuri kwuzuye. Kandi rero, ukwo ni ukuri gusa nk'uko Ijambo ry'Imana ari Ukuri.

54 Nta kindi kigore kiremwe ku buryo gishobora kwisuzuguza nk'uko umugore abishobora. Kandi n'aho biciye muri ivyo, kuba yararemwe akuwe mu… Ntiyari mu vyaremwe vyo ku nkomoko. Ibindi bigore vyose biri mu vyaremwe vyo ku nkomoko: inyoni, ikigabo n'ikigore; ibikoko, ikigabo n'ikigore. Ariko, mu buzima bw'ikiremwa-muntu, Imana yaremye umugabo gusa, maze imusokoramwo. Rero umugore, ni ikintu căsokōwe mu mugabo, kuko Imana siyo yatanguje ikintu nk'ico. Nimuserangure mu Vyanditswe. Ni ukuri kwuzuye. Imana, oyaha, mushingantahe, mu vyaremwe vyaYo vyo ku nkomoko. Umugore yasokowe ng'aho muri vyo.

Ariko ashoboye gushikama, afise impera ihambaye cane kurusha umugabo. We yashizwe ahantu ho gupimirwa. Biciye kuri we haje urupfu. Arâgīrwa n'impfu zose. Niho Imana yahindura ibintu maze ica ikoresha umugore nyene mu kuzana Ubugingo kugira bwongere bugaruke; Yazanye Umwana waYo biciye ku mugore, umwe yagize ukwumvira. Ariko umugore mubi nico kintu ki - kibi kibaho; nta kindi gishobora kumanuka kurusha aho.

55 Kayini, umwana wa Satani, yiyumvira yuko Imana yari kwemera ubwiza. Nivyo yibaza n'uyu munsi. Kayini yari umwana wa Satani. "Ôo, ubu naho rero!" Niko muvuga. Ntituza kwinjira mw'ido n'ido kuri ivyo, ariko reka ndabibatomorere. Bibiliya yavuze yuko we "yari uwa wa mubi." Rero, ivyo birangiza ikibazo. Neza cane.

Rero, yari umwana wa Satani. N'uko rero we yiyumvira yuko, kwinjiza igicaniro no kugishariza kubwo gusenga, ngo ivyo nivyo Imana yategerezwa kwubaha. Biyumvira, biyumvira ikintu ben'ico nyene uyu munsi. Ibi ngo: "Twubatse inyubako idasanzwe. Tuzogira amadini adasanzwe. Tuzogira inyubako nini n'abantu beza bambara neza, n'abarongozi b'ivy'ugusenga babizobereyemwo." Kenshi na kenshi Imana iba iri kuri mayili miliyoni cumi z'ivyo [Ibilometero imiliyoni cumi na zitandatu -Umus.] Ukwo ni ukuri. Riracari ishengero.

56 Rero, nimba Imana yubaha ugusenga, ugushimika kwo mu mutima, ikimazi, Kayini rero yari co kimwe nka Abeli. Ariko vyari biciye mu mpishuro, niho yatahuye yuko ritari ipome abavyeyi biwe bariye.

Ngiye kuvuga ikintu kanaka hano kitaza kwumvikana neza ku muvugabutumwa, ariko ngiye kukivuga, ukwo biri kwose. Ndumva aba bandi bavuga ibintu, rero nda…ntibisigura ko ngomba gutebura gato. N'ubwo bir'ukwo, ndavuze nti: "Nimba kurya amapome ari kwo kwatumye abagore babona ko bări amenya, aho rero tugarukane amapome kandi." Murabona? Murabona? Uh-Uh. Muntunge kubw'ivyo, ariko ivyo bizohinduka. Hano nabashize mu ruhagarara, no mu kuvuga ku bagore n'ibindi. Ngo - ngo - ngomba ndabatezurire akanya gato, ku bigiye gukurikira. Ubu rero, nimurabe, mu…Ntiyari amapome. Ivyo turabizi.

57 Ishengero ryahindutse muri iyi minsi, biciye kuvyo ryashitseko, co kimwe n'ibindi bigerwako bikozwe n'umuntu, ryahindutse iry'ivy'ubwenge. Bariko bagerageza kugira ishengero ry'ivy'ubwenge, biciye ku bicapo bikwegera n'iminara ihambaye.

Ni bibi cane kubona Abapentekote barinjiye mu bintu nk'ivyo. Wopfuma wigumanira na bamwe bavugisha ingoma iminwe, hiyo epfo mw'ikorosi, yamara Mpwemu w'Imana akaba abakikuje. Ariko muriko mugerageza kwigereranya n'abandi basigaye, kubera mwabaye idini. Ivyo nivyo ryakoze.

Amashengero ariko agerageza kuba ay'ivy'ubwenge. Kandi mwibuke, ukwo umuntu agira ivyo ashitseko mw'iterambere biciye mu vy'ubwenge, niko aba ariko ariyica buri munsi. Igihe yavumbura ifu itumura urusase, nimurabe ayo vyakoze. Igihe yavumbura imodoka, yica kurusha ukwo iyo fu itumura urusase yica. Ubu rero naho yarironkeye ibombe ruhonyanganda. Muribaza ico azoyikoza? Neza.

58 Kandi ukwo niko bimeze n'ishengero, ririko rigerageza gushika biciye kuvy'ubwenge, biciye ku migambi y'imihimbano y'umuntu, ririko ribajana kure y'Imana, ribinjiza mu rupfu, kurusha kumwe vyaba ubwa mbere. Ukwo ni ukuri. Ntuhitemwo ishengero ryawe nk'uko wahisemwo umugore wawe. Murabona? Ivyo ubushakashatsi bwamukoreye vyari ibiteye ubwoba, ariko vyokubera vyiza uvyirinze ku bijanye n'ishengero ryawe; yarakoze amarangi, amafu, hamwe n'ibi bintu vyose. Hitamwo biciye ku ngeso y'Ijambo ryaYo. Rero reka tugereranye umugeni asanzwe w'uyu munsi hamwe n'uwiyita ishengero-mugeni w'uyu munsi. Gereranya umugore, agiye kurushinga uyu munsi. None rero, nimurabe ivyo ubushakashatsi bwamukoreye. Arasohoka, ubwa mbere, n'umushatsi umoye, hamwe n'imwe muri za mosho za ba Jacqueline Kennedy, murabona, canke ikintu ben'ico. None murazi ico Bibiliya ivuga? Muri rusangi Bibiliya iraha umugabo, abishatse, uburenganzira bwo kumwirukana mu kwahukana, iyo akoze ivyo. "Aba abaye

umugore atagira ico yubaha, iyo amoye umushatsi wiwe.” Ni Bibiliya ibivuga. Neza. Ivyo ntimwari mubizi? Huh? Ôo, egome! Ndigisha cane muri California ariko ivyo ntavyo muzi. Ukwo ni ukuri. Ôo, egome! Ni ikihe ciza ivyo binzanira? Barabikora, n'ubwo bir'ukwo. Ntushobora gufata ingurube ngo uyihindure izina, yigire umwagazi w'intama. Nimwihweze.

59 Muraza kunyanka inyuma y'ibi, ariko muraza kumenya Ukuri.Murabona? Nimurabe.

Reka tubigereranye. Ng'uyo araje hamwe n'umurundo w'ibirangi, ikintu kanaka atari, umugeni wa none. Mwoze mu maso, yoca amuhunga, kumbure. Yoguhatsa hamwe womukurako ayo marangi yose.

Kandi ukwo niko ishengero rimeze hamwe no mu maso hanini harávye amarangi, tewolojiya yuzuye ya Max Factor [Ishiramwe rikora ibijanye no kwimonora kw'abagore -Umus.] Uh-Uhuh. Bompi barafise u - ubwiza kuri bo, ubwiza bwakozwe n'umuntu atari ubwiza bwakozwe n'Imana. Nta n'umwe afise ndero ikwiye muri bo.

Nimurabe, co kimwe nka Satani, birahagije mu guhenda, tugereranye umugeni wa none hamwe na we: arambara amabutura, arîrába amarangi, aramwa umushatsi wiwe, arambara impuzu biboneka ko ari iz'abagabo, akumviriza umwungere yamubwiye ko ivyo ata kibazo. Uwo ni umunyaruhendo. Azocumukura kubw'ivyo muri vya bibanza vy'iyo hakurya. Ukwo ni Ukuri. Akora ivyo mu guhenda, kwigira ico atari.

60 Ukwo niko ishengero ryakoze, riraronka Indangabumenyi ihambaye mu vy'Ubumana, Indangabumenyi Isanzwe, Indangabumenyi y'Ubwigisha mu vy'Amategeko. Rero muravuga muti: “Umungere wacu ari iki, kirya, n'ibindi,” ashobora kuba ataco azi ku Mana nk'uko Umuhotanto ataco azi ku bijanye n'ijoro ryo muri Egiputa [Hottentot ni abasangwa-butaka bo mu maj'epfo ya Afrika baba cane cane ku nkengera z'ubugaragwa bwa Karahali. -Umus.] Ukwo ni ukuri. Neza. Bimwe muvyo bacishwamwo vy'amaseminari ya gitewolojiya, ariko ntibabe bazi na kimwe ku Mana.

Ishengero rya none hamwe n'amarangi yaryo y'igitewolojiya, humm, abagore babo bose ubwiza bwabo bumowe, biciye ku tugabogabo twabo n'umwungere bafise, nka Yezebeli nimba harigeze kubaho umwe. Umushatsi umoye, amabutura, vyose vyakozwa ku kwipfuza kw'igitewolojiya, ukwo niko ishengero ryifashe. Neza. Ariko ingeso yiwe ya mpwemu iri kure yo kuba umukenyezi uwo Yesu Kristo agiye kuza kwakira.

61 Nimba hari Umukristo yokwabira umugore nk'uwo, vyoca vyerekana yuko yaguye ava mu buntu. Inyota afitiye Imana, inyota afitiye urugo, twisunze ico urugo rutegerezwa kuba, ari kure, iyo ahisemwo umugore nk'uyo. Oya mushingantahe. Nta nkeka ntiyo huza n'ivyo Umukristo akunda. Ingeso yiwe ya mpwemu iri hasi cane, yarapfuye biciye ku bwiza bwiwe bw'ikidini n'ukwipfuza kwiwe kw'ivy'isi. Aho niho neza na neza ishengero rihagaze uyu munsi, ryagurishije ingeso ryahawe n'Ijambo kuri Satani, biciye mu buryo bwo gusenga bw'ivy'ubwenge bwahimbwe n'umuntu. Iyo ryaba rifise uburenganzira, nk'ishengero ry'Imana, mu kugumana n'Ijambo ry'Imana no kugira Mpwemu Yera mu gikorwa hagati yaryo, Yari kuba ariko yunganisha Umubiri hamwe mw'Ijambo no mu rukundo rw'Imana. Aho kugira ivyo, ryaragurishije uburenganzira bwaryo bw'ubufura, nka kumwe kwa Esawu, hanyuma ritoranya idini, nimurireke ribikore, nta kindi ryăshāka gukora kiretse kuba rurangiranwa nk'uko nyina waryo yabikoze i Nikeya, i Roma. Ôo, ese ukuntu vyinjiye mu birere vyacu vya Gipentekote! Ni bibi gusa, ariko ryarabikoze.

62 Nimurabe, umunota umwe gusa, umubikira mw'ishengero Katolika. Uwo mugore, kugira abe umubikira, yakiriye urya mwitwikiro wa nyuma, aba yigurishije burundu kuri iryo shengero. Aba abaye (umushaha, umubiri, n'impwemu) inyegu y'iryo shengero. Ntaba agifise iciyumviro ciwe bwite. Ntaba agishoboye kukigira, iyo yakiriye urya mwitwikiro wa nyuma, nta ciyumviro ciwe bwite aba agifise, nta n'ubugombe bwiwe bwite aba agifise. Nimurabe ng'aho, ukuntu Satani abagira abiwe b'ibinyoma, nk'ukwigana ukuri. Rya Shengero nyakuri rya Kristo, wa Mugeni, naryo ryarigurishije burundi kuri We no kw'Ijambo ryiWe ryasezeranywe, kugeza y'aho ca ciyumviro nyene kiri muri Kristo kiri muri mwebwe. Mbega itandukaniro!

Kandi turabona uyu munsi yuko, iryo shengero rya none, iryo shengero rya none ry'isi, iryo shengero rya none ry'isi hamwe na rino Shengero rya mpwemu yompi yarasamishijwe, kugira yibaruke abana b'abahungu. Umwe muri yo, ni ivuka ry'ikidini, niryo rigiye gukoreka, umwe wo mu…umunsi, ku…mw'iyi minsi, ku Nama Nkuru y'Isi y'Amashengero, ivyo navyo bikazozanira isi anti-Kristo, biciye mw'idini. Ukwo ni Ukuri kutageruye. Kumbure sinzoramba cane ku buryo nzobibona. Ndizera ko ntazoramba. Ariko mwebwe, abakiri bato, mwibuke yuko mwumvise umuvugabutumwa abivuga. Impera n'imperukaaho niho bizoherera. Kandi rero ico ni ca kimenyetso ca ca gikoko, uwo mugeni w'isi niyagira iyo Nama Nkuru y'Isi y'Amashengero. Niho rero azoca yibaruka umwana wiwe w'umuhungu, anti-Kristo.

63 Umwe wundi nawe yasamishijwe n'Ijambo ry'Imana kandi azovyara wa Mubiri, wa Mubiri utunganye wa Yesu Kristo, uwo nawe akaba ari wa Mugeni. Umubiri wa Kristo nturatungana. Ni bangahe ivyo babizi? Umugabo n'umugore ni umwe. Na Kristo naWe ni Umubiri umwe, Ijambo. Umugeni azotegerezwa kuba igice gisigaye c'uwo Mubiri. Maze ivyo bibiri, ubishize hamwe, vyongera kugira Umubiri umwe nyene. Nk'uko Adamu yari mu ntango: umugabo, umugore wiwe, bari umwe. Ubu rero, We, uwo Mugeni nyakuri, yarigurishije kuri We, ku buryo atagifise iciyumviro ciwe bwite. Iciyumviro ciWe, ata nkeka, ni ubugombe

bwiWe, kandi ubugombe bwiWe ni Ijambo ryiWe.

64 Ubu naho nimwihweze umwe yiyita umugeni yahiswemwo n'umuntu, hanyuma mugereranye uwa mpwemu n'uwo mu buryo busanzwe w'uyu munsi, Yezebeli wa none yarozwe na Ahabu wiwe, ubwiza bwahinguwe n'amahinguriro, n'ibindi. Nimwihweze ishengero naryo, ni muri ubwo buryo nyene, ryo ni imaraya kw'Ijambo ry'Imana nzima; amadini manini-manini, ibizu binini-binini, amafaranga menshi, imishahara minini-minini, yarigurishije wese. Abantu barahagarara ku gicaniro bakemanga yuko ivyo ata kibazo, hanyuma bagaca bareka bakabandanya navyo. Uruhendo gusa, nta bindi.

Vy'ukuri ni Igihe ca Lawodikiya gihumye, neza na neza ívyo Bibiliya yavuze ko vyobaye. "Kuko uvuga ngo: 'Ndatunze. Mvyagiye nk'umwamikazi. Ntaco mbuze.' Naho ntumenye yuko uri umutindi, wafutanye, impumyi, umugorwa, ugenda amenya: nawe ntubizi." Nimba ibi atari NIKO UHORAHO AGIZE, Ivyahishuriwe Yohana 3, aho rero ntaYo ndigera nsoma. Ico nico ari, kandi ntavyo azi! Nimuvyiyumvireko!

65 Hamwe wobwira umugabo canke umugore, mw'ibarabara, agenda amenya hafi ukwo yavutse, maze ubabwire gusa yuko bari amenya, baca bakubwira ngo: "Rabana n'ibikuraba sha," kubera, hariho ikitagenda neza ahantu kanaka mu bwenge bwabo. Hariho ikitagenda neza mu mitwe yabo. Rero iyo ushoboye gusoma Ijambo ry'Imana, ukwo abo bantu bategerezwa gukora, hamwe n'uyu mubatizo wa Mpwemu Yera dufise uyu munsi, aho rero, abantu erega, baca bakwihweza nk'aho umengo uri umusazi.

Ubabwiye uti: "Mutegerezwa…" Bategerezwa kuvuka ubwa kabiri. Bategerezwa kwizera Bibiliya.

66 Baca bakubwira ngo: "Uwo ni umugani w'ikiyahudi, wa kera cane. Ishengero ryacu niryo rifise inzira." Abagorwa, abatindi, impumyi, bagenda amenya, kandi nta n'ivyo bazi. Mbega i… Kandi Bibiliya yari yaravuze yuko ukwo kuntu ari kwo bokwinjiyemwo.

Ni gute umuvugishwa w'ukuri yoshobora kureka kubivugako? Sinzi. Biriko biranyengetera neza na neza mu mashengero yacu yose, ahantu hose. Nimuvyihweze gusa, niyo mforo y'ivya none. "Umwe maraya w'agahebuza wa kera n'abakobwa biwe," wo mu Vyahishuriwe Yohana 17, ariko aha abantu "b'abagorwa, bahumye, bafutanye," inyigisho yiwe ya tewolojiya inyuranye n'Ijambo ry'Imana. "Kandi bamusanzemwo imishaha y'abaja, n'abagabo n'abagore bo muri - muri buri gace."

Aho gukwegera abantu… Kristo aremeza Ijambo ryiWe, iryo naryo rikaba ari Ryo rikwega abantu. Ntakwegera abantu ku mashengero akwegerwa n'ibizu binini-binini n'ibikorwa vy'agahebuza, ibintu bihambaye yamara bitabereye be n'ibihenda-maso. Ariko Ijambo ry'Imana niryo rikwega Umugeni wa Kristo.

67 Ubu rero nimurabe. Birakwiye ko mwi - mwihweza ukuntu iryo - iryo shengero rigerageza gukwegera abantu rikoresheje amakanzu meza n'amakorare yambaye neza, n'abagore bamoye imishatsi bafise mu maso harávye amarangi. Nabo biyumvira… Kandi baririmba nk'Umumarayika. Bakabesha nk'umurwanizi, bayerera mu butambiro ijoro bukarinda buca, ntihagire n'ico bavyiyumvirako. Ibi nivyo bavyiyumvirako gusa: "Nta kibazo. Ibi ni vyiza." Ariko, murabona, ivyo ni ibikorano vy'ibinyoma. Ivyo ntabwo ari Ijambo ry'Imana.

68 Mu gihe, wa Mugeni nyakuri we akwēgēra Imana, mu gufata nkama Ijambo ryaYo. Ubu rero nimurabe. Reka ubu naho turabe Kristo. Muravuga muti: "Neza, ubu rero, hinge gato, bimeze gute ibijanye na buno bwiza uriko uravuga?" Bibiliya yavuze muri Yesaya 53:2, yuko, igihe Yesu yaza: "Nta bwiza Yar'Afise bwotumye tuMwipfuza." Mbega ukwo ni ukuri? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.] Nta bwiza buhari. Iyo Aza kuza mu bwiza bw'isi, nka Satani uyu munsi, abantu bǎri kuba baraMwirukiye hanyuma bakaMwemera nk'uko babikora kw'ishengero uyu munsi. Bǎri kuba baraMwizeye, bǎri kuba baraMwakiriye, nk'uku babikora kuri Satani uyu munsi. Nta nkeka bǎri kubikora. Ariko Ntiyaje muri ubwo bwoko bw'ubwiza, ariko Yama Aza igihe cose mu bwiza bw'ingeso. Gurtyo rero, Kristo ntiyari Umuntu w'ubwiza buboneka, ahambaye, w'ikigatanya, avyibushe. Imana ntihitamwo umuntu amez'artyo.

69 Ndibuka igihe kimwe umuvugishwa yaduze ku - kurondera umwami, kurobanuza amavuta umuhungu wa Isayi ngo abe umwami, kugira afate ikibanza c'uwundi mwami, Sawuli. Niho Isayi yaca amuzanira umuhungu wiwe munini, mwiza, w'igihagararo. Avuga ati: "Ikamba ry'ubwami rizobera umutwe wiwe." Nya muvugishwa yagira amusukeko amavuga. Aca avuga ati: "Imana iramwanse." Kandi umwe wese wo muri bo yaramwanse, gushika aho yashikiriye agahungu gato k'uruyobe, k'ibitugu binyunyutse. Niho yaca agasukako amavuta, maze avuga ati: "Imana yamuhisemwo." Murabona? Twebwe duhitamwo twisunze ivyo tubona. Imanana Yo ihitamwo yisunze ingeso.

Ingeso, nta ngeso yigeze kubaho nka Yesu Kristo. Ibayeho muri mwebwe ica iMugaragaza. Turabona yuko ari ukuri. Si ubwiza bwiWe bw'isi bukwega Umugeni wiWe. Ni ingeso yiWe, ingeso y'Ishengero, niyo Kristo arondera; atari ahari ibizu binini-binini, ahari amadini manini-manini, ahari abanywanyi benshi. Yasezeranye kuza ahazoba hakoraniye babiri canke batatu. Ni ivy'ukuri. Aho niho hari ivyizigiro vy'uwizera nyakuri, ni kw'Ijambo ry'Imana ryemejwe mu Kuri, ico Riri. Ahitamwo Aciye kw'Ijambo ryiWe, atari umugwi ukunda ivy'isi.

Ivyo baravyanka. Ntibitangaje kubona ishengero ryarahukanye naWe, kubera ryarahushije impishuro yiWe, kandi ntayo rifise. Ntaryitayeho, ukwo ryitwara n'ukwo rikora, n'ukuntu ibintu vy'isi rifise bingana.

70 Ariko Arondera ingeso yaryo, ingeso ya Kristo. Ubu rero, akanya gato gusa. Ivyo nivyo. Ahitamwo Umugeni kugira yerekane ingeso yiWe, iyo amashengero ya none y'uyu munsi yahushije umugambi wi - wiWe hano kuri mayili umuliyoni, kubera bahakana yuko Bino ari Ukuri. None vyoshoboka bite?

Ubu rero, Arindiriye umunsi uwo Mugeni azorémeká, Abaheburayo 13:8, nk'uko Vyǎri biri, nk'uko naWe Yǎri. Bitegerezwa kuba wa mubiri wiWe nyene, bwa bura nyene, Umwe Mpwemu nyene, vya bindi nyene, neza na neza kumwe yubatswe, niho abo bompi bahinduka umwe. Ntibari umwe, gushika ishengero rihindutse ico. Ingeso yiWe, Ijambo, kubwa kino gihe, ritegerezwa kubumbwa. Uwo Mugeni ategerezwa kubumbwa akamera nk'uko naWe Ari.

71 Ubu rero, mu kurangiza, ngomba mvuge impamvu navuze bino bintu, hanyuma nca - nca mpeza. Ejo bundi n'ijoro, hari nk'isaha icenda z'ubuca, narakanguwe. Nshaka umwe wese muri bwebwe yishure kino. Mbega, ndamaze kubabwira ikintu na kimwe mw'Izina ry'Umwami maze kikaba ari ukuri? Vyamye na ntaryo ari ukuri. [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.] Rero mumfashe, Imana irazi yuko ukwo ari ukuri. Nta n'umwe ariho, nta hantu na hamwe kw'isi, mu bihumbi vy'ibintu vyavuzwe, aho Yahushije n'ijambo na rimwe ryavyo.

Vyama na ntaryo bishika mu buryo butunganye. N'igihe nari i Phoenix, wa wundi munsi, kumbure haraheze nk'umwaka, kandi nababwiye kuri bwa Butumwa ku- kuri Bashingantahe, Ni Gihe Ki? Kandi nababwiye nti: "Abamarayika Ndwi botegerejwe guhura hariya," hanyuma hakaba iyugurugwa ry'Amashashara Ndwi, n'ibindi. Maze ng'aho i - ikinyamakuri Life carabivuzeko, uno Muco munini ukwiragiye mu kirere, ku burebure bwa mayili mirongo itatu uduga hejuru [Ibilometero mirongo ine n'umunani -Umus.] c'ubwaguke bwa mayili mirongo ibiri n'indwi [Ibilometero mirongo ine na bibiri.-Umus.] Bavuze yuko batashobora gusobanura ivyo ari vyo; ntavyo baramenya.

Kandi hariho abagabo bicaye hano nyene muri iyi nyubako uyu mugoroba, bari bahagararanye nanje hariya igihe ivyo vyashika, neza na neza ico Vyari vyavuze. Yarambwiye ibintu vyari bigiye gushika, kandi vyashitse neza na neza ukwo nyene. Ukuntu buri rimwe muri ayo Mashashara ryuguruwe, Ambwira amabanga yari yaranyegejwe uhereye muri vya bihe vy'abagorozi n'ibindi, neza na neza mu buryo butunganye.

72 Ukuntu, bari bahagaze hejuru y'umusozi, abagabo, batatu canke bane muri bo bahagaze ng'aha nyene kano kanya, egome, benshi kuruta abo. Ubwo nariko ndaduga nya musozi, Mpwemu Yera ambwira ati: "Tora ibuye." Twǎri guhiga. Aravuga ati: "Riterere mu hejuru, uce uvuga uti: 'UKU NIKO UHORAHO AGIZE.'" Nca ndabikora. Hepfo y'aho haca haduka agashururu mw'ishusho y'umubirikira. Nca ndavuga nti: "Mu mashaha mirongo ibiri n'ane, muraza kubona ikiganza c'Imana." Hariho abagabo bicaye hano nyene kano kanya. Umunsi wakurikiye, nk'isaha zine zo mu gatondo, nari mpagaze ng'aho, ndavuga nti: "Nimwitegure. Nimuje kwinyegeza munsi y'imodoka hariya," umugwanyi wa kera. Ndavuga nti: "Hariho ikintu kanaka kigomba kibe." Ryari ijuru ritagira ibintu, ahantu h'ibitandara. Haca hamanuka Umuriro w'agashururu uvuye mw'Ijuru, uhinda bimwe bikomeye, uca ukubita impome za vya bitandara nk'uku. Nǎ - nǎri mpagaze neza na neza hepfo yaWo. Naciye nkura inkofero yanje, nca nifata ku mutwe. Waramanutse nko kw'ifuti zitatu canke zine [isantimetero mirongo icenda canke ijana na mirongo ibiri - Umus.] hejuru yanje, warimvye ikinogo muri nya bitandara, haca haba uguturika. Uca usubira kuduga mu kirere, wongera kuzunguruka mu gashururu, uramanuka, incuro zitatu zose, uwo Muriro warakacacuye ubushorishori bw'igisaka c'ibiti mu kirere ca yadi amajana abiri [imetero ijana na mirongo umunani na zitatu]. Abo bantu baguma bavuga ama "Amen" murabumva? Niho bari igihe vyashika, murabona, vyagize uguturika incuro zitatu.

73 Igihe bǎva munsi y'amamodoka n'ibindi, bǎciye bagaruka, baravuga bati: "Iyo biza kugukubita, nta n'utuvunji twari gusigara." Ndavuga nti: "Yari - Yari We. Yari yavuganye nanje." Imana iravuga biciye mu gashururu. Murabona? Rero ng'aho hari irya Nkingi y'Umuriro nyene mubona kuri irya foto, Ihagaze ng'aho.

Uwo Muriro umaze kudûga, bambajije bati: "Ni ibiki?"

Nanje ndavuga nti: "Urubanzarurakubise Igice co mu Burengero." Umunsi ugira kabiri uhereye aho, Alaska yahatswe kwibira. Murabona? Rwarakubise incuro ya mbere, ng'aho, igihano ca mbere.

Aho, mutegerezwa gukora ikintu kanaka, kugira mubigereranye. Ni nka wa muntu yashira umunyu mw'icupa, aca ariterera mu mazi, avuga ati: "UKU NIKO UHORAHO AGIZE, nihabeho amazi aryoshe." Uwundi nawe, Yesu, yahitanye amazi ayasuka mw'ikarabo, ma - maze Ayakoramwo umuvinyu. Mutegerezwa kugira ikintu kanaka co kugereranya.

Ico nico vyǎri, vyaraduze hejuru vyongera biramanuka.Ivyo vyatanguranye na nya gashururu gato. Mu masaha mirongo ibiri n'ane,Vyaranyigangije uwo musozi gushika n'aho vyawumanyuyeko hirya no hino.

74 Umwubahwa Umushingantahe Blair yicaye ng'aha, ndiko ndamuraba kano kanya nyene, yari ng'aho mw'ico gihe yaranatoye tumwe mu tumanyagu tw'amabuye tw'ivyo, n'ibindi. Hano hariho Terry Sothmann, bo, kandi ahagaze hano, be na Billy Paul. Na bene Data, bamwe muri abo benshi bo mw'abo bene Data bicaye hano nyene, bari hariya babibonye bishika igihe vyashwanyagura.

Ivyo si ibitito. Ukwo ni ukuri. Ivyo ntivyabaye hariya inyuma mu gihe ca Bibiliya. Ivyo ni ivya none. Murabona? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."-Umw.] Iyo ni ya Mana nyene yămye inyereka bino bintu, kandi bigashika, neza na neza urudome ku rundi. Ntibirigera binanirwa namba na rimwe. Ubu rero niYo nishimirije.

75 Mu mayinga make aheze, nari mw'iyerekwa. Nari mpagaze hejuru mu - mu kibanza gikirurutse, nagira mbone Ishengero ry'ibanze. Niho nabona, hazananye mu ntuze yanje…Nari mpagaze gurtya,nerekeje mu Burengero. Maze muri runo ruhande hazanana umugwi w'igikundiro w'abagore, bambaye neza cane, imishatsi miremire isokorejwe inyuma neza, impuzu z'amaboko maremare, kandi amakanzu yabo yaramanuka gushika hasi mu buryo bubereye. Kandi bose batambukira ku mudiho umwe, nk'uwu: "Dutere tuja imbere, yemwe basirikare b'Abakristo, tugende nk'abagiye ku rugamba, hamwe n'umusaraba wa Yesu imbere yacu."

Bamaze kurengana, narahagaze, kandi ng'aho hari Ikintu kanaka ng'aho, Impwemu kanaka, yari Imana, niho Yavuga iti: "Ng'uyo Umugeni." Maze ndihweza, umutima wanje wari unezerewe. Aca aragenda azunguruka gurtya, ararengana aca imbere yanje.

Inyuma y'akanya gato, igihe yagaruka gurtya, nya Mpwemu irambarira Iti: "Ubu naho ishengero rigezweho rya none rigire rize vy'ibanze." Niho ng'aho haca haduga ishengero ryo muri Aziya. Sinari bwigere mbona umugwi w'abantu ucafuye ukur'aho. Maze haca haduga uwundi mugwi, wo mu mahanga atandukanye. Bari bateye ubwoba ubaravye.

76 Kandi nda - ndababwiye ibi kubera ni inshingano zanje kuvuga ukuri, imbere y'Imana. Igihe Yavuga ngo: "Ubu rero ng'aho haraje ishengero ryo muri Amerika, kugira ryerekanwe vy'ibanze," nimba narigeze kubona umugwi w'amashetani, wari uwo.

Abo bagore bari bambaye ubusa, bari bafise ikintu gisa n'umunyota ca kera, c'irangi risa n'urukoba rw'inzovu. Bări bacambaye imbere habo, hejuru hări hagaragara. Kandi băriko bagira ibintu vy'ubu bwoko, ibi, za - za ntambo ya miyabaga itamba hiyo hanze, za twiste n'ibindi, n'umuziki w'ubwo bwoko utera uja imbere. Igihe nabona Umukobwa wa mbere mwiza wa Reta Zunze Ubumwe za Amerika aserutse, nahatswe kurába.

Ubu rero, iyi ni NIKO UHORAHO AGIZE. Nimba mwizera yuko ndi umukozi waYo, nimunyizere rero ubu. Sinovugira ibi ubusa kw'isi. Nta mahera ahari ahagije kw'isi nzima yontuma mvuga ibi iyaba atari ukuri. Amaze kuza, cari ikintu gicafuye kuruta vyose ivyo nigeze kubona. Nca ndiyumvira nti: "Mana, ukuntu abavugabutumwa na twebwe bene Data twacumukuye cane kugira tuKuronkere Umugeni, ivyo nivyo vyiza twakoze." Yaguma atamba intambo ya twiste, afashe nya kintu imbere hiwe, nk'imwe muri za jipo z'abatamvyi b'abanyahawayi, yaragifukishije mu bihimba vyiwe vy'imbere, ku ruhande rwiwe rw'amaj'epfo, aguma atamba yikumagura nk'uko babikora ba bayabaga hano, mu ma…muri vya biganiro bicafuye berekana, aho bikumagura. Yari wa Mukobwa mwiza w'ivyarukristo wo muri Amerika!

77 Rero nimumfashe, biciye ku bufasha bw'Imana, ukwo niko asa mu Nyonga zaYo. Gusa na - na… Ntanguye…Nari gushobora kurába. Nikwo kwiyumvira nti: "Ukugerageza kwose, no kuvuga Ubutumwa, no kwemeza?" Umwe wese muri bo yari afise umushatsi umoye, kandi baguma batamba bikumagura bagira n'ibi, bafashe nya kantu imbere habo. Baraje, aho nari mpagararanye ng'aho na nya Kiremwa c'Indengakamere. Sinashobora kuYibona. Narashobora kuYumva ivugana nanje; yari inkikuje. Ariko bamaze guhindukira gurtya, bari bafise ibi. Babandanya kwikumagura bongera bitwengera babandanya, bagira ibintu nk'uku, bafise nya kantu imbere habo.

Rero nanje, nari mpagaze mu Nyonga zaYo ng'aho, kandi ndi umukozi waYo. "Muvyo nagerageje vyose, iki nico ciza nashoboye gukora?" Ndiyumvira nti: "Mana, ni ikihe ciza vyamviriyemwo? N'ikihe ciza vyavuyemwo? Amarira yose, ukwinginga kwose, ukugerageza kwemeza kwose, hamwe n'ibimenyetso bihambaye n'utwumiza n'ibitangaza Werekanye. Hamwe n'ukuntu nahagarara hariya, hanyuma nkaja muhira nkarira inyuma yo kuba nababwiye Ubutumwa n'ibindi, none n'ikihe ciza vyamviriyemwo? Ahorero ntegerezwa kuGushikiriza ikintu kimeze ukwo, ngo ni Umugeni?"

78 Maze mu gihe nari mpagaze ng'aho, nihweza, aca ararengana. Murashobora kwiyumvira mu mugongo hiwe, ata na kimwe yambaye, mu gihe yari afashe nya kantu imbere hiwe, aho yarengana adundadunda nk'uku, ku mudiho wa twiste, ashibagura ingingo z'umubiri wiwe nk'uku. Kandi rero we, ôo, vyari bicafuye, ibintu yagira, mu gushibagura umubiri wiwe irya n'ino nk'uku.

Ubu rero nda… Muravuga muti: "Ivyo bisigura iki, mwene Data Branham?" Sinzi. Jewe ndiko ndabibwirira gusa ivyo nabonye.

Amaze kurenga nk'ukwo, naramwitegereje. Ôo, nariyumvise nabi cane. Naciye mpindukira. Nca ndiyumvira nti: "Mana, ndaciriweko iteka. Nti - ntibikenewe ko ngira ukundi kugerageza na kumwe. Vyombera vyiza ntanze imihoho." Muka Carl Williams, nimba wicaye ng'aha, na ya ndoto wambwira, mu mwanya uheze, ivyo warose muri rya joro, bimwe vyagucumukuza, n'ibi rero. Ivora irakuwe mu kiganza canje.

79 Kur'ubwo, naciye niyumvira nti: "Vyombera vyiza nda - ndavyibagiye." Hanyuma, haheze akanya, nca numva Aragarutse. Muri runo ruhande haca hazanana wa Mugeni nyene umwe yarengana gurtya. Ng'aho haca haza ba bakenyezi nyene bakiri bato, kandi buri umwe muri bo yari yambaye impuzu iranga igihugu bavamwo, nk'Ubusuwisi, Ubudagi, be n'ibindi, umwe wese yari yambaye ubwo bwoko bw'impuzu, hamwe n'imishatsi miremire, neza na neza nka wa wundi wa mbere. Ehe rero ng'abo baraje, batambuka. "Dutere tuja imbere, yemwe basirikare b'Abakristo, tugende nk'abagiye ku rugamba."

Bamaze kurengana bose ahantu ho kubitegerereza aho twari duhagaze, mw'ako kanya, amaso yose yaciye araba muri urwo ruhande. Baca barahindukira, babandanya bagenda, batambuka. Bamaze gutangura kugenda baduga mu bicu, umwe wundi nawe aca araduga ku nkengera z'umusozi, aca aramanuka, nk'uku. Bano nabo batangura gutambuka baduga mu bicu.

Igihe bariko baratambuka, nca mbona abakobwa nka babiri, vyasa nk'aho bari abashitsi kanaka, basa nk'Abanyasuwede canke Abasuwisi, canke ahantu kanaka. Baca batangura kuraba ku ruhande, hanyuma bagira…Nca mvuga nti: "Ivyo ntimubikore! Ntimuje hanze y'izo ntambuko!" Mu gihe nari ndababakankamiye gurtyo, nca ndarivamwo, iryo yerekwa, nsanga mpagaze ng'aho hamwe n'ukuboko kwanje nakugize gurtya. Nca ndiyumvira nti: "Vyiza…"

80 Iyo niyo mpamvu navuze ivyo navuze, uyu mugoroba. Ngomba ndababaze ikibazo. Mbega vyaracerewe kuruta ukwo tuvyibaza? Yoshobora kuba yaramaze guhamagarwa no gutoranywa, hamwe no kudomwako ikidodo? Aho nta n'umwe azorengako, murabizi. Vyoshoboka? Ôo, egome. Ôo, egome.

Mwibuke ivyo navúze, wa munsi wundi mu gihe c'imfungurwa zo mu gatondo. Mw'irondoka ry'imbuto z'ikigabo n'ikigore, hariho umuliyoni w'imbuto z'ikigabo zisohoka, n'umuliyoni w'amagi y'ikigore asohoka. N'ubwo bir'ukwo, urubuto rumwe gusa nirwo rubaho, yamara zose ziba zisa: umwe mu muliyoni. Rumwe rwose muri zo, ni rya rigi nyene ry'ikigore kandi ni bwa bwoko nyene bw'urubuto rw'ikigabo. Rumwe muri zo nirwo rubaho. Izisigaye zose zirapfa. Nta n'umwe ashobora kuvuga ngo iri rigi ry'ikigore rirakomeye, kandi, ôo, canke ico riri co. Ni Imana niYo itegerezwa guhitamwo ivyo, nimba agiye kuba umuhungu canke umukobwa,uwubenjutse canke uw'utubiri twompi, canke uwo agiye kuba wese. Imana niYo ihitamwo ivyo. Si urubuto rwa mbere bihura, ariko ni rumwe rwa mbere Imana yahisemwo. Kumbure ko hariho rumwe rushika hano hejuru, hanyuma urundi… Nimba mumaze kuvyihweza, muri rugagamisha, mukaziraba zigiye guhura. Ndamaze kubibona. Imana niYo yihitiramwo ivyo. Rumwe, buri rumwe rwose muri zo, ziba zisa, ariko bica mu gutoranywa. Ukuvuka gusanzwe, guca mu gutoranywa. Imana ihitamwo rumwe mu muliyoni.

81 Igihe Isirayeli yava muri Egiputa, mu nzira yabo bagiye mu gihugu c'isezerano, bari hafi abantu imiliyoni zibiri. Umwe wese muri bo yari musi ya wa mwagazi nyene w'ikimazi, atar'ukwo ntibari kubaho. Umwe wese muri bo yarumviriza Mose, umuvugishwa. Umwe wese muri bo yari yarabatijwe nawe, mu Kiyaga Gitukura. Umwe wese muri bo yaratamvye, abagore hamwe na Miriyamu, bariteraguye hejuru iruhande (aho) y'ikiyaga, igihe Imana yarandura umwansi. Umwe wese muri bo yarahagararanye na Mose, yongera aramwumva aririmbira muri Mpwemu. Bó, umwe wese, barariye manu hariya mu bugaragwa, iyo nayo ikaba yamanuka ivuye mw'Ijuru. Manu nshasha buri joro, iyo nayo ikaba ari ikigereranyo c'Ubutumwa, umwe wese muri bo yarayiriyeko. Ariko, muri izo miliyoni zibiri, ni bangahe babishoboye? Babiri. Umwe mu muliyoni!

Hari hafi imiliyoni amajana atanu y'Abakristo kuri uno mugoroba mw'isi, uharuye Abakatolika n'abandi. Imiliyona amajana atanu biyita abizera mw'isi. Hamwe Izamurwa ryoza kuri uyu mugoroba, ivyo vyoca bisigura…hamwe hoharurwa umwe ku muliyoni. Simvuze yuko ari ko biri. Ariko iyaba ariko biri, abantu amajana atanu, mu masaha mirongo ibiri n'ane akurikira, nibo boca bakamangana. Ntimwosubira kwumva n'inkuru zavyo. Hazobaho benshi muri bo bazokamangana, ukwo biri kwose, badashoborano guharurika.

82 Rero vyoshobora kuba, bikadushikira, mugenzi, nka kumwe vyaba igihe Yohana umubatizi yaza. Gushika n'aho abigishwa babaza bati: "Kubera iki Ivyanditswe bivuga yuko, kubera iki i- intumwa n'abahanuzi bavuga yuko, kubera iki bavuga yuko Eliya ategerezwa kubanza kuza, akaroranya vyose neza?"

Yabishuye ati: "Ndababwiye yuko Eliya yamaze kuza, yamara ntimwabimenye." Umwe muri iyi minsi twoshobora gusigwa twicaye ngaha tubaza ngo: "Bimeze gute ibijanye n'Izamurwa imbere yuko rwa Ruhamo ruhambaye ruba?"

"Ryarabaye, kandi ntimwabimenye."

83 Umubiri wose, umaze kudomwako ikidodo imbere, uguma utera intâmbwe. Singomvye kuvuga ko ari muri ubwo buryo.

Ndizigira ko atari muri ubwo buryo. Ariko, mugenzi, igihe biretse… Nimba dufise igishika mu mitima yacu, uyu mugoroba, yuko dutegerezwa gushira ku murongo ubuzima bwacu, hamwe n'ibintu twakoze, reka ndabahanure, nka mwene Data w'umuvugabutumwa. Ngomba mvuge ibi incuro ya mbere, ku gicaniro. Nagiye kure cane kur'uyu muhingamo, kuri Ibi, kurusha ukwo nigeze kubikora ku bindi, igihe ico ari co cose, ukwo ari kwo kwose, imbere y'abantu, kubera nagize umwidegemvyo udasanzwe muri bino bikorane. Nimba mwizera yuko ndi umuvugishwa n'Imana, nimwuvire ivyo nababwiye. Nimba hariho n'ijwi rito ry'inyiyumvo mu mitima yanyu, nimuje imbere y'Imana rero kano kanya nyene. Nimubikore.

84 Nimuhagarike gato, yemwe bagabo. Nimwihweze izo za nemera za - zanyu mukorera. Nimwitegereze mu mashengero yanyu. Mbega birahuye neza na neza n'Ijambo ry'Imana? Mwarakwije ibisabwa vyose? Muravuga muti: "Ndi umuntu mwiza." Nk'uko na Nikodemu yari, nk'uko n'abandi bări. Bări - bări abantu beza. Murabona? Ivyo nta sano bifitaniye na Vyo.

Namwe, bagore, nshaka yuko mwiraba mu cirore, hamyuma murabe ico Imana isaba umugore gukora. Kandi mwirabe mu cirore c'Imana, atari mu cirore canyu c'ishengero kano kanya, mu cirore c'Imana; hanyuma murabe nimba mwoshobora kudondora, mu buzima bwanyu, wa Mugeni wa mpwemu wa Yesu Kristo.

Bakozi b'Imana, nimuvyiyumvire namwe nyene. Mbega hano muhakata ikorosi, kugira mwirinde kubabaza umuntu kanaka ng'aho? Ibi mwobikora nimba bitari…hanyuma nibabashiburira hanze y'ishengero? Nimba ukwo ari ko muriko muriyumva, mwene Data mukundwa, reka ndakuburire, mw'Izina rya Yesu Kristo, hunga uve mw'ivyo bintu kano kanya nyene. Hanyuma nawe mukenyezi, nimba udashoboye gukwiza ibiranga Umukristokazi, atari Umukristokazi wo kw'izina, ariko mu mutima wawe, ubuzima bwawe bukaba buhuye neza na neza n'urupapuro ndangabugeni rw'Imana, hano, ruvuga yuko bitegerezwa kuba… Nawe, munywanyi w'ishengero, nimba ishengero ryawe ridasa n'ivyo, rikaba ridashoboye gukwiza ibisabwa vy'Ijambo ryaYo, sohoka urivemwo winjire muri Kristo.

85 Iyo ni imburi idasanzwe. Ntituzi igihe, namwe ntimuzi igihe, aho ca gisagara umunsi umwe kigiye kuzocokera hano musi y'iyi bahari.

"Ôo, Kaperenawumu," ni Yesu Yavuze ati: "wewe wishize hejuru mw'ijuru, uzomanurwa hasi ikuzimu. Kubera, iyaba ibi bikorwa bikomeye vyari vyarakorewe muri Sodomu n' i Gomora, ivyo bisagara vyari kuba bigihagaze gushika n'uyu munsi." Kandi Sodomu, Gomora,vyaracokeye musi y'Ikiyaga Gipfuye. Rero Kaperenawumu nayone iri musi y'ikiyaga.

Nawe, gisagara, ciyita ngo ni igisagara c'Abamarayika, wewe wishize hejuru kw'ijuru, wongera ukwiragiza imyanda yose, ibintu bicafuye vy'imideri n'ibindi, gushika n'aho ibihugu vy'ingenzi biza ng'aha kwābūra imyanda yacu bikayirungika kure, ku mashengero yawe meza n'iminara n'ibindi, ukwo ukora. Niwibuke, umunsi umwe uzocokera munsi y'ibahari, ikimamara cawe gihambaye kiri munsi yawe kano kanya nyene.

Uburake bw'Imana buriko buziriringira aho munsi yawe nyene. Izogeza ryari kugumya iyo ntebe y'urusenyisenyi iri ng'aho? Mu gihe iyo bahari ifise uburebure bw'amaj'epfo bwa mayili [hafi ibilometero bibiri], ico gisagara kizonyerera kigwemwo ng'aho gushika kuri Salton Sea. Bizoba ari bibi cane kurusha wa munsi wa nyuma wa Pompeii.

Niwihane, Los Angeles. Nimwihane namwe abasigaye, hanyuma mugaruke ku Mana. Isaha y'uburake bwaYo iri kw'isi. Nimuhunge mu gihe hakiriho igihe co guhunga, nimuze kuri Kristo. Dusenge!

86 Mana Mukundwa, mu mutima wanje, hariko harajugumira, umutima wanje uriko uva amosozi y'imburi. Bikore, Ô Mana, bano bagabo n'abagore ntibiyumvire yuko ibi navuze vyari nk'ibitebu, kandi abanyeshengero ntibiyumvire yuko kwari ukubacira urubanza canke kubarwanya. Reka babone, Mwami, ni mu rukundo. Wewe uranshingira intahe, Mana Mushobora vyose, yuko nagiye irya n'ino mu bice bitandukanye, umwaka inyuma y'uwundi, namamaza Ijambo ryaWe. Nshingira intahe Ôo Mana, nimba vyotegerezwa gukoreka kuri uyu mugoroba, navuze Ukuri. Urazi yuko iryo yerekwa ry'Umugeni ari Ukuri. Nafashe Izina ryaWe biciye kuri ryo, Mwami, hanyuma ndavuga yuko ryari NIKO UHORAHO AGIZE. Nanje niyumva yuko nzi neza, Mwami ivyo ndiko ndakora.

Rero ndaGusavye, Mwami, mw'Izina rya Yesu, reka bano bantu bibajugumize uyu mugoroba, maze bahunge uburake bugiye kuza, kubera Icharbod yanditswe ku miryango no hejuru y'amahanga. Ikimenyetso cirabura co kwankwa yamaze kugishirwako. Mpwemu w'Imana yarababajwe aca aramuvako, kandi nabo bapimwe ku minzane basangwa barahwahwutse.

Ya mazimano y'umwami Nebukadineza yasubiriye kugaruka, hamwe na ya mazimano y'akaboregwe hamwe n'abakorwa bari hafi amenya, kandi bakiyita Abakristo.

87 Ôo Mana yo mw'Ijuru, Girira imbabazi iyi si y'ivyaha n'abantu b'abanyavyaha, Mwami, nk'uko turi kuri uyu mugoroba. Mana, ndiko ngerageza guhagarara mu gihengeri nongera nsaba imbabazi za Kimana, yuko Uza kuvugira muri rino sinzi uyu mugoroba maze Uhamagarire Umugeni wawe kuba magabo, Mwami, kugenda batisunga ikimenyetso ca nemera n'imwe, ariko biciye mw'ijwi ry'Ubutumwa Bwiza bw'Umwami Yesu Kristo. Biduhe, Ôo Mana.

Reka bimenyekane, uno mugoroba, yuko Uri Imana, kandi yuko Ijambo ryaWe ari ryo Kuri. Muri kano kanya, mu kwubaha, imbere ya bano bantu, tubahamagarira kugaba n'Ijambo ryaWe. Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndabasengeye, Mwami. BăraKubônye, ata gitutu c'ugukekeranya, Ugendagenda mu makoraniro yabo wongera Ubabwira ibiri mu mitima yabo. Kandi Urazi, Mwami, ivyo, kano kanya nyene, ibiriko biraba. Urazi yuko ivyo ari Ukuri, Ôo Mana. Rero ndaGusavye, mw'Izina rya Yesu Kristo, reka Mpwemu Yera yongere atuvugire, Mwami, kandi akwege muri rino koraniro, Mwami, abanditswe muri ca Gitabu c'Ubugingo ca Wa Mwagazi. Biduhe, Ôo Mana. Ndabisavye n'umutima wanje wose.

Aba bantu mu bisanzwe, Mwami, bompa n'ihera rya nyuma bafise, kubwo gushigikira Ubutumwa. Bokora buri kintu cose bashoboye. Ôo Mana, iyo hageze kuVyisunga, no kuBizako, ndasavye, Mana, uwu ube umugoroba aho uza kubaha impera wongere ucuncubure Mpwemu Yera waWe kuri iki gikorane.

Kandi ntihabeho ugufyina canke gusimbagurika aha na hariya, ariko kibe igihe c'amarira n'amaborogo, no kwihana, kugumya ya mahembe y'igicaniro, tumaze kubona imanza zivugiye hejuru yacu, kur'uyu mugoroba. Biduhe, Mana. Ndabisavye nciye bugufi, ukwo nshoboye, mw'Izina rya Yesu Kristo.

88 Mwene Data, mushikanje, nta kindi kintu mfi - mfise co kuvuga, hamwe nogira ubutoni imbere yanyu, biciye mu nkomezi z'Imana, nimba mwizeye yuko ndi umuvugishwa waYo. Iyi niyo ncuro ya mbere mvuga ivyo imbere y'abantu. Ariko numva imburi itangaje y'uburyo kanaka. Sindabimenyereye ibi. Murabizi ko ntabimenyereye. Sinkora nk'uku.

Naragonantwe kuvuga buno Butumwa no kuvuga bino bintu. Naragiye hiyo kure n'ibindi, mpunga kubikora. Ariko vyavuzwe, kandi niho bizoba vyibereye ku Munsi w'Urubanza, nk'icabona c'uko navuze Ukuri. Ivyo ni NIKO UHORAHO IMANA AGIZE!...?...

Ôo, Pentekote, niwiruke kubw'ubuzima bwawe. Hungira ku mahembe y'igicaniro hanyuma uborogereho, imbere yuko harengerana, kubera hazoza igihe aho uzoshobora kuboroga ntihagire ico bikumarira. Kubera Esawu yararondeye kuronka ikibanza, c'uburenganzira bwiwe bw'ubufura, ntaco yashoboye kuronka. Ndagushikanye, ôo, California. Ôo, gikorane c'Abadandaza b'Ubutumwa Bwiza Bwuzuye, abo nkunda, abo nasize nkabagumbira n'umutima wanje wose, ndabashikirije Yesu Kristo kw'uyu mugoroba. NimuMuhungireko! Ntimureke ngo Satani abasukemwo mabisi kuri Ibi. Gumane naVyo neza na neza gushika n'aho muba, umwe wese, mwuzura Mpwemu Yera, cane, gushika n'aho azobatuma muza kuri rino Jambo, ari naRyo rizobatuma muba abagore bari ku murongo, ritume muba abagabo bari ku murongo. Hamwe muvuze yuko mufise Mpwemu Yera, hanyuma mukaba mutisunga rino Jambo, ni iyindi mpwemu ibarimwo. Mpwemu w'Imana ari kuri rino Jambo, Ijambo risizwe amavuta rya Kimesiya.

89 Reka duhagarare ku birenge vyacu, mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo. Nimba utazongera kwumva ijwi ryanje…Ariko, Imana ibishatse, nza kuba nicaye muri Afrika, mu masaha makeya. Kumbure sinzogaruka kandi. Sinzi. Ariko ndababwire, n'umutima wanje wose, nababwiye Ukuri. Sindareka kubamenyesha buri kintu cose Imana imbariye kuvuga. Rero nanje naBivuze mw'Izina ry'Umwami. Ni igihe kidasanzwe. Sinzi ingene nobiserura. Nagerageje kuva ku gicaniro incuro zitatu canke zine, yamara ntavyo nashoboye. Iyi ni isaha idasanzwe. Ntimuze mwigere muvyibagira.

Iki ni igihe c'aho, kumbure, Imana kumbure iriko iragira umuhamagaro waYo wa nyuma. Sinzi. Izogira umuhamagaro waYo wa nyuma, umunsi umwe. Ryari? Sinzi. Ariko ndiko ndababwira, nisunze iryo yerekwa, bisa nk'aho uwo Mugeni ari hafi guherahezwa.

Nimwitegereze rya shengero ryo kw'izina rije. Igihe za nkumi zisinziriye zije kurondera Amavuta, ntizashoboye kuyaronka. Umugeni yaciye yinjira. Ukujanwa mw'Izamurwa guca kuraba. "Mu gihe bări bagiye kugura Amavuta, Umukwe aca araza." Murasinziriye? Nimwikangure vyihuta, mutore akenge. Rero, reka dusengeranire, nk'uko twari kuba turiko turapfa muri uyu munota, mw'Izina ry'Umwami. Reka, umwe wese, asenge mu buryo bwanyu bwite.

90 Mana Mushobora vyose, tugirire imbabazi. Mwami, Ungirire imbabazi. Utugirire imbabazi twese. Vyotumarira iki, ivyo twokora vyose, hamwe twonanirwa muri ibi bintu? Ndahagaze nsaba imbabazi, Ôo Mana, imbere ya kino gisagara gihambaye gicokera musi y'amazi n'imanza z'Imana zakubuye kano karere. Ndasenze, Mana, Uhamagare Umugeni waWe. NdabaKuragije, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen. Amen…?...Navuze ukuri…?...

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7